Urukurikirane rw'inyigisho
nkarishabwenge mu bumenyi
bw'idini ku mugwi w'abisununuye

مؤسسة بناء للتنمية والتعليم
BENAA FOUNDATION FOR DEVELOPMENT AND EDUCATION

# ICIGWA CA TAFSIIRI
# INSOBANURO YA QOR'ANI


**Canditswe na Dr. Ibrahiim mwene Sulaimaan AL-HUWAYMIL**

**Casiguwe mu kirundi na Sheikh GIHETE Yusufu**

**Cakosowe na:- Sheikh NAHAYO Yacoub Jacques**
**- Ir. NDABASHINZE Alimas**



**Bujumbura, Kigarama 2017**

## URUTONDE RW'IBIRIMWO


| | |
|---|---|
| GUSHIKIRIZA........................................................................................ | 1 |
| ICIGWA CA TAFSIIRI KU MUGWI W'ABISLAMU BASHASHA... | 3 |
| Integuro y'urutonde rw'ivyigwa vyagenewe abislamu bashasha........... | 4 |
| INTANGAMARARA......................................................................... | 5 |
| UBWA MBERE: GUTARIRA ICIGWA.............................................. | 6 |
| I. IVYIZA VYA QOR'ANI....................................................................<br>I.1. Ivyiza vyo gusoma Qor'ani........................................................<br>I.2. Ivyiza vyo kuzirikana insiguro ya Qor'ani...............................<br>I.3. Ivyiza vyo gufata Qor'ani ku mutwe........................................<br>I.4. Ivyiza vyo kugendera Qor'ani....................................................<br>I.5. Ivyiza vyo kwigisha Qor'ani...................................................... | 6<br>6<br>9<br>10<br>12<br>13 |
| II. INYIFATO N'URUPFASONI RWO GUSOMA QOR'ANI.............<br>II.1. Kuzirikana indishi no gutumbera Imana Allah (AL- IKHLAASW)..<br>II.2. Kugumiza umutima hamwe mu gihe co gusoma Qor'ani.......... | 14<br>14<br>15 |
| III. AMATEGEKO NGENDERWAKO AFASHA MU GUSOBANURA QOR'ANI (TAFSIIR).........................................<br>III.1. Insobanuro ya mbere yemewe kandi itomoye neza...............<br>III.2. Ivyafobetswe muri Qor'ani......................................................<br>III.3. Inyigisho nyamukuru ............................................................ | 19<br>19<br>20<br>22 |
| UBWA KABIRI: GUSOBANURA QOR'ANI (TAFSIIR).................. | 23 |
| IV. GUSOBANURA IBISOMWA BIMWEBIMWE NA AYAH UMWISLAMU ASOMA KENSHI................................................<br>IV.1. Gusobanura igisomwa c'Itanguriro (Al-Faatiha)...................<br>IV.2. Insobanuro ya Ayah y'Inganji "Ayatu l-Kursiy" (Al-Baqara: 255)...................................................................<br>IV.3. Insobanuro ya Ayah zibiri (285-286) zihereza mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara)................................................................<br>IV.4. Insobanuro y'igisomwa c'Igihe (Al'Aswr).............................<br>IV.5. Insobanuro y'igisomwa c'Abahakanyi (Al-Kaafiruuna).......... | 23<br>23<br>27<br>30<br>34<br>36 |

| | |
|---|---|
| IV.6. Insobanuro y'igisomwa co Gutumbera Allah (Al-Ikhlaasw).. | 39 |
| IV.7. Insobanuro y'igisomwa c'Igitondo (Al-Falaq)........................ | 41 |
| IV.8. Insobanuro y'igisomwa c'Abantu (An-Naas).......................... | 43 |
| V. INSOBANURO YA ZIMWE MURI AYAH ZA QOR'ANI ZIGISHA ABEMERAMANA KUGIRA INYIFATO ZIBEREYE.......................................................................... | 45 |
| V.1. Insobanuro ya Ayah y' 177 mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara)... | 45 |
| V.2. Insobanuro ya Ayah y' 195 mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara)... | 48 |
| V.3. Insobanuro ya Ayah ya 58 mu gisomwa c'Abakenyezi (An-Nisaa-i)........................................................................... | 50 |
| V.4. Insobanuro ya Ayah y' 119 mu gisomwa c'Ukwigaya (Al-Tawba)........................................................................... | 53 |
| V.5. Insobanuro ya Ayah za 23 - 24 mu gisomwa c'Ingabo ziyunze (Al-Ahzaab)........................................................................ | 55 |
| V.6. Insobanuro ya Ayah za 72-73 mu gisomwa c'Ingabo ziyunze (Al-Ahzaab)........................................................................ | 58 |
| V.7. Insobanuro ya Ayah za 15-19 mu gisomwa c'Igihuhusi (Ad-Dhaariyaat)................................................................... | 60 |
| VI. INSOBANURO YA ZIMWE MURI AYAH ZIGISHA AKAHISE N'AMATEKA Y'ABERANDA...................................................... | 62 |
| VI.1. Insobanuro ya Ayah za 9-26 mu gisomwa c'Isenga ry'ibuye (Al-Kahf)......................................................................... | 62 |
| VI.2. Insobanuro ya Ayah za 26-46 mu gisomwa c'Uwubabarira ivyaha (Ghaafir)................................................................... | 68 |

## GUSHIKIRIZA

Nihaninahazwe Imana Allah, Umurezi Rurema w'ibiremwa vyose, impuhwe n'amahoro vy'Imana Allah bisasagare ku Ntumwa y'Imana Muhamadi, n'umuryango wayo, n'ingendanyi zayo zose.

Inyuma y'ivyo;bitewe n'ukwiyumvamwo ishaka ryo gushira mu ngiro ibwirizwa ryo gushikiriza ubutumwa bw'Imana bwo gukwiragiza ubwislamu hamwe n'ubumenyi bw'idini, mu guterera agacumu k'ubumwe mu bikorwa vy'ubwislamu, ni ibisanzwe ko amashirahamwe atandukanye yaba aya Leta canke ay'abikorera utwabo yo mu gihugu ca Saudiya agira akigoro mw'itunganywa ry'ivyigwa nkarishabwenge mu gihugu hagati no hanze yaco, eka n'igihugu ca Saudiya na co nyene kirashimirwa.

Mu gutunganya ivyo vyigwa rero, vyarabonetse ko hakenewe integuro y'ivyigwa vyokwigishwa muri izo nyigisho nkarishabwenge, ari na co gituma ikigo co guhingura no gukwiragiza ibitabu (ISHBILIYA) kiri i Riyadhi, cifatanije na bamwe mu bahinga, ciyemeza gutegura no kwandika ibitabu vyokoreshwa, canecane mu gukarihiriza abandi ubwenge.

Icihutiwe mu kwubahiriza ishirwa mu ngiro ry'iyo ntumbero bihaye, kwabaye ugushiraho umugwi w'abahinga b'abamenyi ujejwe gukora ibi bikurikira:

**Ubwa mbere**

Gutunganya integuro y'ukuntu ivyigwa nkarishabwenge vyo kwigisha idini vyogenda uhereye ku nsiguro yavyo, intumbero yavyo, ikiringo vyomara, imigwi y'abovyiga, n'ivyigwa bohabwa.

**Ubugira kabiri**

Gushiraho integuro y'ivyigwa ku migwi y'abigishwa.

**Ubugira gatatu**

Gutegura ivyigwa, uhereye kw'ihangiro, ivyigwa nyezina n'urutonde rwavyo.

**Ubugira kane**

Gushiraho amategeko yisungwa mu kwandika.

Igikorwa co gutegura ivyigwa caciye gihabwa umugwi w'abahinga, bamwe bose mu co banonosoye mu vyigwa vy'idini.

Bikaba ngombwa ko ivyigwa vyateguwe bishikirizwa uwundi mugwi w'abashinzwe gukosora kugira ngo ubunganire bikenewe.

Mu ntumbero yo gukwiragiza inyungu, ikigo ISHBILIYA caciye cihutira gusohora (mw'igeragezwa) igitigiri gito c'ibitabu, bitabanje gukosorwa, ico gikorwa kikazokurikira mu nyuma, ari na ho hazoca hasohoka (ku bushobozi bw'Imana Allah) ibitabu nk'uko biteguwe.

Kubera ivyo rero, turasavye uwo wese yosoma ivyo bitabu vyasohowe mw'igeragezwa ko yodushikiriza ico yihweje, mu ntumbero yo gutunganya neza ivyo bitabu, kugira ngo inyungu ikwire bose.

Duheraheje dusaba Imana Rugiravyose Allah ko Yodushoboza, Ikadutsimbataza, Igaha indishi nyinshi nta ngere abo bose bafashije, bagaterera muri iki gikorwa, kuko ni Yo Yonyene Mushoboravyose, tukongera tugasabira amahoro n'impuhwe Intumwa yacu Muhamadi, umuryango wayo n'ingendanyi zayo zose.

## ICIGWA CA TAFSIIRI
## KU MUGWI W'ABISLAMU BASHASHA

Umwanya w'icigwa: amasaha indwi (7). Ivy'ijana cumi (10%)

**Ihangiro ry'iki cigwa**

Iki cigwa kigamije gushika kuri ibi bikurikira:

1. Ukwama hafi y'Igitabu c'Imana Qor'ani biciye mu kwama gisomwa.
2. Kworohereza abantu gutahura insiguro ya Qor'ani biciye mu gusigura ibisomwa canke Ayah za Qor'ani zikunze gusomwa cane.
3. Gutsimbataza urupfasoni rwo kwubaha Qor'ani kuri umwe wese no mu kibano.
4. Gukundisha abantu ubwislamu no gutsimbatara ku mabwirizwa yabwo.

**Ibiri mu nteguro y'iki cigwa**

Iki cigwa kigizwe n'ibice bikurikira:

1. Intangamarara yerekana ivyiza vya Qor'ani, urupfasoni rwo kuyisoma, amategeko yisungwa mu gutahura insiguro ya Qor'ani.
2. Gusigura bimwe mu bisomwa, na Ayah zikunda gusomwa kenshi n'umwislamu mu masengesho canke mu gihe cose yipfuje gusoma, mu gitondo canke ku mugoroba; nk'akarorero k'igisomwa al-Faatiha, Ayatu l-Kursiy, Ayah zihereza mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara) n'ibisomwa: Al'Aswr, Al-Kaafiruun, Al-Ikhlaasw, Al-Falaq na An-Naas.
3. Guhitamwo zimwe muri Ayah za Qor'ani, zisigura amateka n'ivyabaye aho hambere bibereye kuba inyigisho ku rwaruka; nk'ivyashikiye abahungiye mw'isenga ry'ibuye (ASW-HAABU L-KAH-FI) canke Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah).

**Icihwezwa**

Ni ukwerekana insiguro muri rusangi y'igisomwa canke Ayah mu gihe co kuyigisha.

**Integuro y'urutonde rw'ivyigwa vyagenewe abislamu bashasha**

| **Icigwa** | **Igitigiri c'amasaha** | **Ivy'ijana (%)** |
|---|---|---|
| Insobanuro ya Qor'ani (Tafsiir) | 11 | 15 |
| Inyigisho z'intumwa (Hadiith) | 11 | 15 |
| Ivyigwa vy'ukwemera (Aqiida) | 14 | 20 |
| Ivyigwa vyo gutunganya amasengesho n'umubano mu bantu (Fiqhi) | 17 | 25 |
| Ubuzima n'amateka y'Intumwa (Siira) | 7 | 10 |
| Ingeso n'indero nziza (Akh-laaqu wa-Aadaabu) | 10 | 15 |
| Vyose hamwe | 70 | 100 |

## INTANGAMARARA

Nihashimagizwe Imana Allah Umuremyi w'ibiremwa vyose. Amahoro n'impuhwe bisasagare ku Ntumwa y'Imana Muhamadi, yo yahawe Igitabu Qor'ani kugira ngo ibere impuhwe n'inzira igororotse ibiremwa vyose. Izo mpuhwe n'amahoro kandi bisasagare ku muryango wayo n'ingendanyi zayo zose.

Inyuma y'ivyo; iyi Qor'ani yahishuriwe Intumwa yacu, idutegeka kwama twayisomye tukongera tugategera inyigisho zayo, tukazishira mu ngiro, tugahurumbira kuyiga no kuyigisha, gutyo bikorohera abantu kuyitahura neza.

Mu vy'ukuri, abavandimwe banje bashinzwe kuyobora ikigo co kwandika no guhingura ibitabu (ISHBILIYA) kiri i Riyadhi, baransavye ko nokwandika integuro y'ivyigwa vyoba ishingiro ryo kwigisha abanyeshure bakurikirana inyigisho nkarishabwenge mw'idini, nca ndasaba Imana Mushoboravyose ko Yobinyorohereza, ndaheza ndatangura kwandika. Naragerageje gukoresha amajambo yoroshe yumvikana kuri bose, ndaca ku mayange ata kurandira kugira ngo vyorohe kuvyigisha.

Nkaba nongeye gusaba Imana Rugiravyose ko Yobinshoboza mu buryo burashe, Ikampa ubumenyi bwungura abantu, bukabashikana ku bikorwa vyiza bitegetswe.

## UBWA MBERE: GUTARIRA ICIGWA

### I. Ivyiza vya Qor'ani

#### I.1. Ivyiza vyo gusoma Qor'ani

Iyo umuntu agerageje gukurikirana Ayah za Qor'ani, asanga nyinshi muri zo zitegeka kuyisoma. Imana Allah Ivuga Iti:

{الَّذِينَ آتَيْنَاهُمُ الْكِتَابَ يَتْلُونَهُ حَقَّ تِلَاوَتِهِ أُولَئِكَ يُؤْمِنُونَ بِهِ وَمَنْ يَكْفُرْ بِهِ فَأُولَئِكَ هُمُ الْخَاسِرُونَ}

"Abo Twahaye Igitabu (abayahudi n'abanaswara) bakagisoma ukuri ko kugisoma, bakagikurikiza ukwo bitegetswe (ata co bahinduye canke bongeyemwo), abo ni bo bemera vy'ukuri Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) n'ivyo yahishuriwe. Abazokigarariza (mu guhindura canke kunyegeza ibirimwo), abo ni bo bari mu ruhombo." (Al-Baqara: 121).

Aha Imana Allah Ihayagiza neza abemeramana kuko basoma Qor'ani ukuri kwo kuyisoma.

Imana Allah Irongera Igategeka Intumwa yayo ko yosoma Qor'ani Iti:

{وَاتْلُ مَا أُوحِيَ إِلَيْكَ مِنْ كِتَابِ رَبِّكَ}

"Soma Ntumwa y'Imana ivyo wahishuriwe mu Gitabu Qor'ani c'Imana yawe Rurema" (Al-Kahf: 27).

Itegeko ritumberejwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), riba kandi ritumberejwe ku bislamu bayemera.

Imana Allah Iravuga Itwiganira ukuntu Intumwa yayo Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yubahiriza ivyo itegetswe Iti:

{إِنَّمَا أُمِرْتُ أَنْ أَعْبُدَ رَبَّ هَذِهِ الْبَلْدَةِ الَّذِي حَرَّمَهَا وَلَهُ كُلُّ شَيْءٍ وَأُمِرْتُ أَنْ أَكُونَ مِنَ الْمُسْلِمِينَ * وَأَنْ أَتْلُوَ الْقُرْآنَ فَمَنِ اهْتَدَى فَإِنَّمَا يَهْتَدِي لِنَفْسِهِ وَمَنْ ضَلَّ فَقُلْ إِنَّمَا أَنَا مِنَ الْمُنْذِرِينَ}

"Vuga Ntumwa y'Imana uti: "Mu vy'ukuri narategetswe (n'Imana Allah) ko nosenga Umuremyi w'iki gisagara ca Makka, We Yaziririje ko corangwamwo ibihungabanya ibiremwa, ni Yo Mugabe w'ibiremwa vyose; kandi nategetswe ko noba mu bislamu bicisha bugufi. Narongeye ntegekwa ko nosoma Qor'ani. Uwuzokurikira rero inzira imushikana ku kwemera no gushira mu ngiro Qor'ani, uyo azoba yakurikiye arongotse ku neza yiwe, nayo uwuzohuba inzira y'Imana uramubwira uti: "Mu vy'ukuri jewe ndi mu bagabisha gusa"""" (An-Naml: 91-92).

Imana Allah Itegeka abaja bayo gusoma Qor'ani Iti:

{فَاقْرَءُوا مَا تَيَسَّرَ مِنْهُ وَأَقِيمُوا الصَّلَاةَ وَآتُوا الزَّكَاةَ}

“Kubera ivyo rero, murasoma mw'isengesho ryo mw'ijoro ibisomwa vyoroshe muri Qor'ani, muheze musenge n'isengesho-bwirizwa, mwongere mutange n'ishikanwa-bwirizwa” (Al-Muzzammil: 20).

Rero, muri izi Ayah zose twumvisemwo itegeko ritomoye, ryo guhurumbira gusoma Qor'ani ntagatifu no kuyigendera.

Mu vy'ukuri Imana Allah Yaratomoye indishi nyinshi Yategekanirije uwusoma Qor'ani, aho Itubwira Iti:

{إِنَّ الَّذِينَ يَتْلُونَ كِتَابَ اللَّهِ وَأَقَامُوا الصَّلَاةَ وَأَنْفَقُوا مِمَّا رَزَقْنَاهُمْ سِرًّا وَعَلَانِيَةً يَرْجُونَ تِجَارَةً لَنْ تَبُورَ * لِيُوَفِّيَهُمْ أُجُورَهُمْ وَيَزِيدَهُمْ مِنْ فَضْلِهِ إِنَّهُ غَفُورٌ شَكُور}

“Mu vy'ukuri abamizako mu gusoma Igitabu c'Imana Qor'ani, bagatsimbataza amasengesho (atanu ku musi) akwije ibisabwa, bagatanga mu mpisho no ku mugaragaro mu vyo Twebwe (Allah) Twabaronkeje barondera gusa kuronka inyungu mu rudandazwa rutigera ruhomba. Maze ivyo vyose bakabigira kugira ngo Imana Allah Izobahembe indishi zabo (ku vyiza bakoze), Yongere Ibarengerezeko (agasunuzo) mu vyiza vyayo. Mu vy'ukuri, ni Yo Nyenimbabazi-ntangere, Nyenindishi” (Faatwir: 29-30).

Iyi Ayah n'izindi nyinshi, ziratwereka ivyiza vyo gusoma Qor'ani ntagatifu.

Tugarutse ku nyigisho z'intumwa, mu bijanye n'ivyiza vyo gusoma Qor'ani dusanga ari vyinshi. Muri ivyo ni:

**a. Qor'ani izovugira abayihurumbira mu kuyisoma**

Ingendanyi Abu Umaamah (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti:

"اقْرَؤُوا الْقُرْآنَ فَإِنَّهُ يَأْتِي يَومَ الْقِيامَةِ شَفِيعًا لِأَصْحابِهِ "

“Narumvise Intumwa y'Imana Allah ivuga iti: “Nimusome Qor'ani kuko mu vy'ukuri ku musi w'umuhero izoza kuvugira bene yo””. Yashikirijwe na Muslim.

Imana Allah kubera ubutore n'ubugwaneza bwayo, Izorekurira Qor'ani ku musi w'umuhero, ivugire bene yo; abahora bahurumbira kuyisoma kw'isi, izoheza ivuge ibasabira iti: ”أيْ رَبِّ مَنَعْتُهُ النَومَ بِالليلِ فَشَفِّعْنِي فِيه“

“Mana Yanje Rurema! Naratumye atagoheka, ndamuvugiye ndamusabira ko womutezurira”. Yashikirijwe na Ahmadi.

Iyo bishika ntihabe irindi jambo ryigisha ivyiza vyo gusoma Qor'ani kiretse iri ryonyene, ryari kuba rikwiye guhimiriza abantu guhurumbira kuyisoma.

### b. Igwizwa ry'indishi z'uwusoma Qor'ani

Ingendanyi Abdullahi mwene Masudi (Imana Allah Imwishimire), yavuze iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti:

"مَنْ قَرَأَ حَـــــرفًا مِنْ كِتَابِ اللهِ فَلَهُ بِهِ حَسَنَةٌ، وَالحَسَنَةُ بِعَشْرِ أَمْثَالِهَا، لَا أَقُولُ الم حَرْفٌ، وَلَكِنَّ أَلِفًا حَرْفٌ، وَلَامًا حَرْفٌ وَمِيمًا حَرْفٌ "

"Uwusomye urudome rumwe mu Gitabu c'Imana Allah ca Qor'ani, aruronkerako iciza, iciza na co gihemberwa kigwijwe ivyiza cumi. Aha simvuze ngo: "Alif Laam Miim" ni urudome rumwe! Ariko "Alif" ni urudome, "laam" ni urudome, na "Miim" ni urundi rudome". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Hari n'iyindi nyigisho y'intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yerekana ko indishi zizogwizwa incuro nyinshi cane. Umuvyeyi w'abemeramana Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati:"Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti :

"المَاهِرُ بِالقُرْآنِ مَعَ السَّفَرَةِ الكِرَامِ البَرَرَةِ، وَالَّذِي يَقْرَأُ القُرْآنَ ويَتَتَعتَعُ فِـــــيهِ وَهُوَ عَلَيْهِ شَاقٌّ لَهُ أَجْرَانِ"

« Uwusoma neza Qor'ani nkuko bikwiye, azoba ari kumwe n'abamalayika b'iteka n'icubahiro (ku musi w'umuhero). Nayo uwusoma Qor'ani adidinganya, bimugora, aronka indishi zibiri (indishi y'umwete n'indishi y'akigoro)"". Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

### c. Ikibanza c'iteka n'icubahiro gihanitse mu buzima bw'inyuma yo gupfa

Mu vyerekana ivyo vyiza, ni inyigisho y'intumwa dushikirizwa n'ingendanyi Abdullahi mwene Amri mwene Al-Aaswi, ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"يُقَالُ لِصَاحِبِ القُرْآنِ : اقْرَأْ وَارْتَقِ وَرَتِّلْ كَمَا كُنْتَ تُرَتِّلُ فِـي الدُّنْيَا، فَإِنَّ مَنْزِلَتَكَ عِنْدَ آخَرِ آيَةٍ تَقْرَأُ بِهَا "

"Umusomyi wa Qor'ani azobwirwa ku musi w'umuhero ati: ″Soma uheze udugirizwe icubahiro, kandi usome mw'ituze nk'uko wahora usoma uhibongoza ukiri kw'isi. Mu vy'ukuri, urugero rw'icubahiro cawe rugenwa na Ayah uherezako gusoma". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Umusomyi wa Qor'ani, ni wa muntu yitaho kwama yayisomye, uyo rero azoronka ikibanza c'iteka n'icubahiro gihanitse mu Bwami bw'ijuru, hakurikijwe urugero rw'ivyo afise muri Ayah za Qor'ani, azosubizwa ati:

“Soma udugirizwe icubahiro”. Ntiworaba rero ivyiza biri aho! Bituma abarushanwa bakenyera zikaguma.

Hariho n'iyindi nyigisho y'intumwa yigisha ivyiza biri mu kuyisoma abantu bicaye hamwe. Ingendanyi Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti:"Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"وَمَا اجْتَمَعَ قَوْمٌ فِــي بَيْتٍ مِنْ بُيُوتِ اللهِ يَتْلُونَ كِتَابَ اللهِ وَيَتَدَارَسُونَهُ بَيْنَهِمْ إِلَّا نَزَلَتْ عَلَيْهُمُ السَّكِينَةُ وَغَشِيَتْهُمُ الرَّحْمَةُ وَحَفَّتْهُمُ المَلَائِكَةُ وَذَكَرَهُمْ اللهُ فِيمَنْ عِنْدَهُ "

"Nta gihe na kimwe abantu bahurira hamwe mu musigiti umwe mu misigiti y'Imana Allah, basoma Igitabu c'Imana Allah ca Qor'ani, bakongera bakacigishanya, kiretse ko bururukirwa n'itekane, bagahwikirwa n'impuhwe, bagakikizwa n'abamalayika, Imana Allah na Yo Ikabayagaga mu biremwa vyayo mw'ijuru"" . Yashikirijwe na Muslimu.

Mwenewacu mwislamu! Raba ivyo vyiza vyateguriwe abahurira hamwe mu musigiti kugira ngo basome bongere bigishanye Qor'ani ntagatifu. Ituze n'akamwemwe k’umutima bibasesekaramwo; nta ndwara z'ihungabana ry'umutima bagira, kuko imitima yabo yuzuye ukwemera Imana Allah; bakikizwa n'ishimwa hamwe n'impuhwe z'Imana Allah; abamalayika bagakizura, babapfutse n'amababa yabo, mu kwerekana agaciro n'icubahiro vy'icabahuje (gusoma no kwigishanya Qor'ani). Hamwe n'ivyo vyiza vyose, ni uko Imana Allah Ibashima Ikabayaga, Ikabahayanisha ibindi biremwa vyo mw'ijuru. Harakejwe rero uwo wese arangwa no gusoma no kwigisha Qor'ani, akabikorana umutima uzera indishi ku Mana Allah gusa. Turamukeje kuri ico cubahiro gihanitse.

### I.2. Ivyiza vyo kuzirikana insiguro ya Qor'ani

Itegeko ntirigarukira gusa ku gusoma Qor'ani, ahubwo hari itegeko risaba umuntu kuzirikana insiguro y'ivyo asoma muri Qor'ani, Imana Allah Ivuga Iti:

{أَفَلَا يَتَدَبَّرُونَ الْقُرْآنَ أَمْ عَلَى قُلُوبٍ أَقْفَالُهَا}

″Mbega indyarya ntiziheza ngo zizirikane insiguro ya Qor'ani ngo zongere zitegere inyigisho zayo! Ahubwo imitima yazo ntidonoka, irugaye, ni na co gituma zidashobora kuyitegera" (Muhammad: 24).

Burya intumbero nyamukuru isabwa, ni ukuzirikana no gutahura Qor'ani, kugira ngo imishaha igire akamwemwe, imitima na yo ironke umuco. Imana Allah Ivuga Iti: {كِتَابٌ أَنْزَلْنَاهُ إِلَيْكَ مُبَارَكٌ لِيَدَّبَّرُوا آيَاتِهِ وَلِيَتَذَكَّرَ أُولُو الْأَلْبَابِ}

“Ntumwa y'Imana! Iyi Qor'ani, ni Igitabu Twakumanuriye (Twebwe Allah) gihezagiwe, kugira ngo bazirikane bongere bategere insiguro ya Ayah zaco″. (Swaad: 29).

Mu vy'ukuri Intumwa y'Imana yasoma Qor'ani izirikana insiguro mu bwitonzi. Ingendanyi Hudhaifah (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti:

"صَلَّيتُ مَعَ النَّبِيِّ صَلَّـــــى اللهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ ذَاتَ لَيْلَةٍ فَافْتَتَحَ البَقَرَةَ، ثُمَّ النِّسَاءَ فَقَرَأَهَا، ثُمَّ آلَ عِمْرَانَ فَقَرَأَهَا، يَقْرَأُ مُتَرَسِّلا إِذَا مَرَّ بِآيَةٍ فِيهَا تَسْبِيحُ سَبَّح، وَإِذَا مَرَّ بِسُؤَالٍ سَأَلَ، وَإِذَا مَرَّ بِتَعَوُّذٍ تَعَوَّذَ "

"Narigeze gusenga hamwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mw'ijoro, maze isoma igisomwa c'Inka (Al-Baqara), ikurikiza igisomwa c'Abakenyezi (An-Nisaa-i), ikurikiza igisomwa c'Umuryango wa Imraani (Aali Imraani). Yasoma yitonda, isomye Ayah isaba kuninahaza, yaca ininahaza Imana Allah, isomye Ayah irimwo gusaba, yarasaba; isomye Ayah irimwo kwikinga ku Mana Allah, yarikinga ku Mana Allah".

Ico rero kikaba ari icemezo gikuru c'ukuntu Intumwa y'Imana yazirikina insiguro y'ivyo yasoma muri Qor'ani, Al-Sakhaawi mu gitabu ciwe yise 'Jummaal Al-Qurraa-i' avuga ati: "Mu bisabwa umuntu asoma Qor'ani, ni uko: "iyo yiga Qor'ani, ayiga umutima n'ubwenge biri hamwe, mu ntumbero yo gutahura ivyo asabwa n'Imana Allah, agashira mu ngiro ivyo ategekwa, akigira kure y'ivyo abuzwa, ntabe agamije kwihuta guheza gusoma iki gisomwa″.

Kubera ivyo rero, birabujijwe kwihuta mu gusoma kuko bituma umuntu atazirikana insiguro y'ivyo asoma. Nta nkeka ko mu vyongereza kwubaha Imana Allah, ari ugusoma uzirikana insiguro, mu bwitonzi, ushize ubwenge n'umutima hamwe, uko ni ko abakurambere bacu mu beranda babigenza. Basoma Qor'ani umutima uri mu nda, bazirikana insiguro. Biravugwa ko basubiramwo Ayah kenshi kugira ngo barushirizeho gutahura insiguro.

Al-Imaamu Al-Nawawiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yaratanze uburorero bwinshi kuri ivyo, mu gitabu ciwe yise "Al-Tibyaan".

### I.3. Ivyiza vyo gufata Qor'ani ku mutwe

Mu vy'ukuri, Imana Allah Yaramanuye Qor'ani ntagatifu, Yongera Irishinga kuyicungera: {إِنَّا نَحْنُ نَزَّلْنَا الذِّكْرَ وَإِنَّا لَهُ لَحَافِظُونَ}

″Mu vy'ukuri, ni Twebwe (Allah) Twamanuye Qor'ani, kandi mu vy'ukuri, ni Twebwe Tuzoyicungera (nta kizohindurwa, nta kizokwongerwamwo canke ngo gikurwemwo)" (Al-Hijr: 9).

Ingendanyi (Imana Allah Izishimire) zumvise Qor'ani ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ziraheza ziyifata ku mutwe. Mu vy'ukuri Imana Allah Yaroroheje kuyiga no kuyifata ku mutwe. Imana Allah Ivuga Iti: {وَلَقَدْ يَسَّرْنَا الْقُرْآنَ لِلذِّكْرِ فَهَلْ مِنْ مُدَّكِرٍ}

"Mu vy'ukuri (Twebwe Allah) Twaroroheje Qor'ani, ukuntu yigishwa, kuyifata ku mutwe no kuyitahura. Mbega (muri mwebwe) hoba hari uwibuka ivyo (ngo ayitahure)?" (Al-Qamar: 17).

Ahubwo mu guhererekanya Qor'ani, hisungwa iyizwi ku mutwe si ivyanditswe gusa. Al-Imaamu mwene Al-Jizriy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) avuga ati:

"Mu vy'ukuri, mu guhererekanya Qor'ani, hisungwa iyizwi ku mutwe, si ibitabu n'imis-haafu bibitswe. Ico ni kimwe mu bintu Imana Allah Yaharije abakurikiye Intumwa y'Imana Muhamadi. Imana Allah Yarishinze kuyicungera, Iraheza Ihitamwo (mu bantu) abamenyi bizewe, bishinze kuyikosora, bahebera ubuzima bwabo ico gikorwa, bayigishijwe urudome ku rundi, ntibigeze birengagiza ryaba ijwi rivuga canke ry'indagi".

Umwigisha Fahdi Al-Ruumiy avuga ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ntiyigeze ireka ikintu na kimwe cohimiriza abantu gufata Qor'ani ku mutwe, kiretse ko yagikora. Yahora irushanya mu vyubahiro hagati y'ingendanyi, yisunze Qor'ani zafashe ku mutwe. Mu rugamba, ibendera yariha iyafashe Qor'ani kurusha izindi. Irungitse umugwi, yagena uwubarusha gusoma Qor'ani akaba ari we abasengesha. No mu guhamba, yatangura gushira mu mva uwufise ico arushije abandi muri Qor'ani; igasezeranya abashaka kwubaka izabo, agategeka gutanga inkwano zigizwe no kwigisha umukobwa Qor'ani yafashwe ku mutwe. Uburorero ni bwinshi cane kuri ivyo bijanye n'ayo mateka. Ivyo vyose vyari impamvu zikwiye, zatuma abantu bahurumbira gufata Qor'ani ku mutwe.

Hariho inyigisho nyinshi z'intumwa zerekana ivyiza vyo gufata ku mutwe Qor'ani. Ingendanyi Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"لَا حَسَدَ إِلَّا فِي اثْنَتَيْنِ: رَجُلٌ عَلَّمَهُ اللهُ الْقُرْآنَ، فَهُوَ يَتْلُوهُ آنَاءَ اللَّيْلِ وآنَاءَ النَّهَارِ، فَسَمِعَهُ جَارٌ لَهُ فَقَالَ: لَيْتَنِي أُوتِيتُ مِثْلَ مَا أُوتِيَ فُلَانٌ فَعَمِلْتُ مِثْلَ مَا يَعْمَلُ"

"Gusharika ntibirekuwe kiretse ku bintu bibiri: umuntu yahawe n'Imana Allah ubumenyi bwa Qor'ani, maze akayisoma ijoro n'umutaga, umubanyi wiwe yamwumva akavuga ati: "iyo ngira amahirwe yo guhabwa ubumenyi bwa Qor'ani nk'ubwo kanaka yahawe, nkabukoresha nk'uko abukoresha"". Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Uwufashe Qor'ani ku mutwe, birarekuwe gusharikwa, kandi arakwiye ico cubahiro kuko agendana Igitabu c'Imana Allah.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "وَأَحَقُّهُم بِالإمامَةِ أَقْرَؤُهُم "

″Uwufise uburenganzira kurusha abandi mu gusengesha ni uwubasumvya gusoma Qor'ani". Yashikirijwe na Muslimu.

Niyaba uwushirwa imbere y'abandi mu masengesho afise urwego n'icubahiro mw'idini, biva ku cubahiro gishingiye ku bumenyi bwo gusoma Qor'ani, ico kirerekana neza ivyiza vyo gufata ku mutwe Qor'ani ntagatifu.

### I.4. Ivyiza vyo kugendera Qor'ani

Intumbero nyamukuru yo kumanura Qor'ani ni ukuyigendera, no kwisunga imigenzo yayo, si uko yoherera ku rurimi gusa.

Ni co gituma Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarangwa n'inyifato yo kugendera Qor'ani, nk'uko vyavuzwe n'umuvyeyi w'abemeramana Aisha (Imana Allah Imwishimire).

Kugendera inyigisho za Qor'ani, abatuboneye izuba mu kwemera (Al-Salaf), barakivuzeko vyinshi:

- Mwene Jariiri (nyakugira impuhwe z'Imana Allah), mu vyashikirijwe na Mujaahidi (nyakugira impuhwe z'Imana Allah), mu gusigura ijambo ry'Imana Allah, riri mu gisomwa c'Inka, aho Imana Allah Ivuga Iti: {يَتْلُونَهُ حَقَّ تِلَاوَتِهِ}

  "…bagisoma ukuri kwo kugisoma, bakagikurikiza uko bitegetswe…". (Al-Baqara: 121)

- Abu Musa Al'Ash'ariy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati:

  "إِنَّ هَذَا القُرْآنَ كَائِنٌ لَكَمْ ذُخْرًا، وَكَائِنٌ عَلَيْكُمْ وِزْرًا، فَاتَّبِعُوا القُرْآنَ وَلَا يَتَّبِعُكُمْ، فَإِنَّهُ مَنِ اتَّبَعَ القُرْآنَ هَبَطَ بِهِ عَلَى رِيَاضِ الجَنَّةِ، وَمَنِ اتَّبَعَهُ القُرْآنُ زَجَّ فِي قَفَاهُ فَقَذَفَ فِي النَّارِ "

  ″Mu vy'ukuri, iyi Qor'ani izobabera impamba y'integabizoza, canke ibabere icaha kizobakurikira. Kubera ivyo rero, murakurikira Qor'ani ntizobakurikire. Uwuzokurikira Qor'ani, izomushikana mu Bwami bw'ijuru. Nayo uwuzokurikirwa na Qor'ani, izomusunika ku nkomokomo imute mu muriro udahera".

- Al-Hasan Al-Baswriy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

  "مَنْ أَحَبَّ أَنْ يَعْلَمَ ما هُوَ فَلْيَعْرِضْ نَفْسَهُ عَلَى القُرْآنِ "

"Uwuzoshaka kwimenya ico ari, arisuzumisha Qor'ani".

❖ Ukwihaniza kwishira kure ya Qor'ani, bitwereka ivyiza biri mu kuyigendera. Ivyo biri mu vyo dushikirizwa n'ingendanyi Samurah mwene Jundubi, mu nyigisho ndende y'intumwa , aho Intumwa irotora indoto:

"أتانِي اللَّيلَةَ آتِيانِ وإنَّهُما ابتَعَثانِي وإنَّهُما قالا لِي: انطَلِق. وإنِّي انطَلَقتُ مَعَهُما، وإنَّا أتَينا عَلَى رَجُلٍ مُضطَجِعٍ، وإذا آخَرُ قائِمٌ عَلَيهِ بِصَخْرَةٍ، وإذا هُوَ يَهوِي عَلَيهِ بِالصَّخْرَةِ لِرَأسِهِ فَيَثْلَغُ بِها رَأْسَهُ فَيَتَدَهْدَهُ الحَجَرُ هاهُنا، فَيَتْبَعُ الحَجَرَ يَأخُذُهُ، فَما يَرجِعُ إلَيهِ حَتَّى يَصِحُّ رَأْسُهُ كَما كانَ، ثُمَّ يَعُودُ عَلَيهِ فَيَفْعَلُ بِهِ مِثلَ ما فَعَلَ المَرَّةَ الأُولَى. قال: قُلتُ سُبحانَ اللهِ! ما هذانِ؟ قال: قالا هذا رَجُلٌ عَلَّمَهُ اللهُ القُرآنَ فَنامَ عَنهُ بِاللَّيْلِ، وَلَمْ يَعْمَلْ بِهِ بِالنَّهارِ. يَفْعَلُ بِهِ إلَى يَومِ القِيامَةِ"

"Muri iri joro, narose mbona abantu babiri baza, maze baramvyura, bambwira bati: "Genda". Ndaheza ndagenda ndi kumwe na bo, duca ku mugabo agaramye hambavu yiwe hari uwundi ahagaze afise ibuye amahanga, hanyuma atangura guhondagura na rya buye umutwe wa nya mugabo; ryagira ngo riramwiyatse, agasubira kuritora; yagaruka agasanga wa mutwe na wo wiremaremye kandi wakize neza, agaca asubira kuwuhondagura nka kwa kundi". Intumwa ica ivuga iti: "Nca mvuga ntangara nti: "Nihaninahazwe Imana Allah! Aba babiri vyabagendeye gute?"". Iti: "Banyishura bati: "Uyu ni umuntu yahawe n'Imana ubumenyi bwa Qor'ani, abaho agotwa n'agatiro mw'ijoro, ntiyayisoma, ku mutaga na ho ntiyagendera inyigisho zayo, azobandanya guhanwa nk'uko gushika ku musi w'umuhero w'isi"".

❖ Mu yindi nyigisho y'intumwa ivuga iti:

"يَأخُذُ القُرآنَ فَيَرْفِضُهُ وَيَنامُ عَنِ الصَّلاةِ المَكْتُوبَةِ"

"Afata Qor'ani akayitera akagere, agatwarwa n'agatiro, isengesho ritegetswe rikamucika". Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Ivyo dusomye birerekana ivyiza vyo kugendera inyigisho za Qor'ani ntagatifu, kandi ko iyo ari yo ntumbero nyamukuru.

Ni vyiza cane rero kwigana ingeso nziza zigishwa muri Qor'ani, gucungera imbibe z'ibibujijwe no gushira mu ngiro ibitegetswe. Nta vyiza vyoza bisumba ivyo! Ivyo ni vyo vyatumye ingendanyi Abdullahi mwene Masudi (Imana Allah Imwishimire) ivuga iti: "Iyo wumvise ijambo ry'Imana ritangura riti: "Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo", ba uca ubanga ugutwi; haba hari iciza utegekwa canke ikibi ubuzwa".

### I.5. Ivyiza vyo kwigisha Qor'ani

Ukwigisha Qor'ani harimwo ivyiza vyinshi. Muri ivyo hari ibisigurwa muri iyi nyigisho y'intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "خَيرُكُم مَن تَعَلَّمَ القُرآنَ وَ عَلَّمَهُ"

"Intore kurusha abandi muri mwebwe, ni uwize Qor'ani akayigisha abandi". Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Al-Imaamu Ibnu Hajari (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Nta nkeka ko kubangabanganya kwiga Qor'ani no kuyigisha, gushingiye ku kuba kimwe cose gifatiye ku kindi; kubangabanganya inyungu y'umuntu ku gatwe kiwe n'inyungu rusangi ishikira uwundi. Kubera iyo mpamvu rero, uwuronka izo nyungu zibiri; inyungu yo kwiga Qor'ani n'iyo kuyigisha, aba ari we mwiza kurusha bose".

Aberanda batuboneye izuba (Al-Salafu Sswaalih ba nyakugira impuhwe z'Imana Allah), bari bazi ivyo vyiza bironka umwigisha hamwe n'umwigishwa wa Qor'ani ntagatifu, ni co gituma babihurumbira cane.

Nk'uyu Abu Abdu Rahmani Al-Salamiy, yarihebeye kwigisha Qor'ani ntagatifu, mu musigiti wo mu gisagara ca Kofah (muri Iraki) imyaka mirongo ine, aca asoma iyo nyigisho y'intumwa (iri aho hejuru), aho avuga ati: "Iyi nyigisho y'intumwa, ni yo yantumye nicara iki cicaro iyi myaka yose".

Uyu na we ni Al-Imaamu Al-Dhahabiy, atwiganira inkuru ya Abu Manswuuri Al-Khayaatwiy, ko yicaye akigisha Qor'ani imyaka n'iyindi.

## II. Inyifato n'urupfasoni rwo gusoma Qor'ani

Ugusoma Qor'ani ntagatifu bisaba umuntu kugira inyifato n'urupfasoni bijana. Turashobora guca ku mayange ibi bikurikira:

### II.1. Kuzirikana indishi no gutumbera Imana Allah (AL-IKHLAASW).

Ico ni co ca mbere gihambaye cane muri izo nyifato, kuko igikorwa cose cakirwa hisunzwe umuzirikanyi cakoranwe. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti:

"إِنَّمَا الْأَعْمَالُ بِالنِّيَّاتِ، وَإِنَّمَا لِكُلِّ امْرِئٍ مَا نَوَى"

“Mu vy'ukuri ibikorwa vyose vyakirwa hisunzwe umuzirikanyi (vyakoranwe), kandi mu vy'ukuri umuntu wese arafise ico yazirikanye…” Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Ni ngombwa rero gutumbereza umuzirikanyi ku Mana Allah mu gihe co guhurumbira Qor'ani no kuyifata ku mutwe, ugamije kurondera indishi ku Mana Allah no gutsindira Ubwami bw'ijuru , no kuronka ishimwa ryayo. Uwufashe Qor'ani ku mutwe canke akayisoma ashaka kwiyerekana canke kumenyekana, ntiyitege indishi ivuye ku Mana Allah.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"إِنَّ أَوَّلَ النَّاسِ يُقْضَى يَوْمَ القِيَامَةِ عَلَيْهِ رَجُلٌ تَعَلَّمَ العِلْمَ وَ عَلَّمَهُ وَقَرَأَ القُرْآنَ فَأُتِيَ بِهِ فَعَرَّفَهُ نِعَمَهُ فَعَرَفَهَا، قَالَ: فَمَا عَمِلْتَ فِيهَا؟ قَالَ: تَعَلَّمْتُ العِلْمَ وَ عَلَّمْتُهُ، وَقَرَأْتُ فِيكَ القُرْآنَ. قَالَ: كَذَبْتَ وَلَكِنَّكَ تَعَلَّمْتَ العِلْمَ لِيُقَالَ: عالِمٌ، وَقَرَأْتَ القُرْآنَ لِيُقَالَ: هُوَ قَارِئٌ فَقَدْ قِيلَ. ثُمَّ أُمِرَ بِهِ فَسُحِبَ عَلَى وَجْهِهِ حَتَّى أُلْقِيَ فِي النَّارِ "

“Mu vy'ukuri umuntu wa mbere azotunganirizwa ku musi wo kuzuka, ni umuntu yarondeye ubumenyi arongera abwigisha abandi asoma na Qor'ani. Azorengutswa n'Imana Allah, Imwereke inema zayo kuri we (akiri kw'isi), na we azozemanga. Imubaze Iti: “Wazikoresheje gute?”, azokwishura ati: “Nararondeye ubumenyi, ndaheza ndabwigisha abandi, naranasomye na Qor'ani nziga indishi kuri Wewe”. Izomwishura Iti: “Urabesha! Ariko wewe warondeye ubumenyi kugira ngo bivugwe ko uri umumenyi! Usoma Qor'ani kugira ngo bivugwe ko uri umusomyi! Ivyo warondera mu vy'ukuri vyaravuzwe. Hace hatangwa itegeko ryo kumukwega amaguru (yubitse inda) gushika atabwe mu muriro udahera.” Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Umwislamu iyo afashe ku mutwe Qor'ani akayisoma azirikana gusa indishi zivuye ku Mana Allah, araheza akumva akamwemwe nta ngere gasumba ako ari ko kose kw'isi.

### II.2. Kugumiza umutima hamwe mu gihe co gusoma Qor'ani

Mu gihe uriko urasoma Qor'ani birakenewe ko uyisoma mw'ituze, ukaba kure n'ibihungabanya umutima, ukigiza kure n’inyosha mbi za shetani, ukareka gukinisha intoke no gukebaguzwa uraba ibitajanye n'ivyo uriko urasoma.

#### II.2.1. Kuzirikana insiguro y'ivyo usoma

Birakenewe kuzirikana insiguro y'ivyo usoma, ukiyumvamwo ko ari wewe ubwirwa, ugategera insiguro y'amazina n'amatazirano y'Imana Allah.

#### II.2.2. Kwiyumvamwo ko ivyo usoma bigushitse

Al-Suyuutwiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: “Ni vyiza kurira mu gihe co gusoma Qor'ani, canke kwiriza ku wudashoboye kurira, akicwa n'agahinda, agatururuza umutima”.

### II.2.3. Kwisukura

Isuku rivugwa ng'aha ni ukwiyuhagira biba ngombwa bitewe n'ibituma kwiyuhagira umubiri wose. Ivyo na vyo ni: ukurangura amabanga y'abubatse canke gusohokwa n'intanga, kuva mu butinyanka no kuva mu kiriri.

Gusoma Qor'ani ntagatifu ni ininahazamana risumba irindi ninahazamana iryo ari ryo ryose, kuko ari amajambo y'Uwuhoraho Nyenicubahiro gisumba vyose. Kubera ivyo rero, ukwiyuhagira n'isuku ryo gusenga biri mu nyifato nziza zo gusoma Qor'ani. Bikaba ari vyiza rero ko umuntu yotawaza imbere yuko asoma, mu kwubahiriza inyigisho dushikirizwa n'ingendanyi Abdullahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze iti: "Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

"لَا يَمَسَّ الْقُرْآنَ إِلَّا طَاهِرٌ"

"Nta wurekuriwe gukora kuri Qor'ani kiretse uwisukuye bikwiye'"".

Ico dukwiye kumenya, ni uko umuntu arekuriwe gusoma Qor'ani iyo atashikiwe n'ibimutuma yiyuhagira.

Ni nk'uko biri mu migenzo y'intumwa ukwisugutura, kuko bituma mu kanwa haba isuku, mu kanwa na ho ni ho haca (mu gusoma) amajambo y'Imana Allah.

### II.2.4. Gusoma Qor'ani gutumbera Qibla

Ni vyiza ku wushaka gusoma Qor'ani ko yotumbera ubutumbero (Qibla) mu gihe ariko arasoma, kuko ari bwo butumbero bw'iteka n'icubahiro canecane iyo ari mu musigiti canke muhira.

Bitamworoheye na ho, nko mu gihe yoba ari mw'isoko, mu muduga canke ku kazi, arashobora gusoma Qor'ani adatumbereye Qibla.

### II.2.5. Kwikinga ku Mana Allah ngo Imukingire inyosha mbi za shetani

Ni mu migenzo y'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko ushatse gusoma Qor'ani uvuga uti: "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM". Imana Allah Ivuga Iti:

{فَإِذَا قَرَأْتَ الْقُرْآنَ فَاسْتَعِذْ بِاللَّهِ مِنَ الشَّيْطَانِ الرَّجِيمِ}

"Niwashaka gusoma Qor'ani urasaba Imana Allah Igukingire inyosha mbi za shetani yavumwe" (An-Nahl: 98).

### II.2.6. Gusoma n'ijwi ryiza

Biri mu rupfasoni rwo gusoma Qor'ani gusoma n'ijwi ryiza uko bigushobokeye. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "حَسِّنُوا الْقُرْآنَ بِأَصْوَاتِكُمْ فَإِنَّ الصَّوْتَ الحَسَنَ يَزِيدُ الْقُرْآنَ حُسْنًا"

“Muraryohora amajwi yanyu mu gusoma Qor'ani, kuko ijwi ryiza ryongereza Qor'ani ubwiza”.

Al-Suyuutwiy yavuze ati: “Biri mu migenzo y'intumwa, kuryohora ijwi mu gusoma, vyarigishijwe mu nyigisho nyinshi z'intumwa. Iyo ata jwi ryiza ufise, urageragezauko ushoboye ku buryo bidatuma ijwi ricikagurika”.

Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "لَيْسَ مِنَّا مَنْ لَمْ يَتَغَنَّ بِالْقُرْآنِ"

“Ntari muri twebwe uwutazohibongoza ijwi mu gusoma Qor'ani”. Yashikirijwe na Al-Bukhariy.

Birakenewe rero ko umuntu asoma mw'ijwi ryiwe yaremanywe, ata kwinaniza mu kwigana ijwi ry'abandi canke ukuntu basoma, kuko ukwihatira kubigana bimubuza gutegera neza insiguro ya Qor'ani no kuyizirikana.

### II.2.7. Gusoma mu Mus-haafu

Biri mu rupfasoni rwo gusoma, gusoma mu mus-haafu. Al-Suyuutwiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: “Gusoma mu mus-haafu ni vyiza kuruta gusoma mu vyo yafashe ku mutwe, kuko kuwurabamwo vyonyene ni igikorwa co kwiyegereza Imana Allah”.

Nayo Al-Imaamu Al-Nawawiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) kuri kino kibazo, ashira imbere canecane icoza congerereza uwusoma ituze kurusha. Bibonetse ko gusoma mu mus-haafu vyongerereza cane uwusoma ituze mu mutima, ico gihe biba vyiza gusoma mu mus-haafu. Ni nk'uko nyene kuri wa wundi aturura co kimwe, iyo asomye mu mus-haafu canke ku mutwe, araheza agahitamwo gusoma ku mutwe, kuko bimwongerereza ituze.

Icihwezwa muri ivyo ku wusoma canecane mu gihe ashatse kworoherwa gufata Qor'ani ku mutwe, ni uko yokwama asoma mu mus-haafu umwe nyezina, ivyo birafasha cane gufata neza kandi ningoga ku mutwe.

Ikindi, ni uko yokwubaha umus-haafu, ntawushire hasi, ntawuterere mugenzi we ashatse kuwumuhereza, ntawukoreko atari mw'isuku.

### II.2.8. Gusomera ahantu hiyubashe bikwiye

Birakenewe ko yosomera Qor'ani ahantu hiyubashe bikwiye; nko mu musigiti aho ni ho vyiza kuruta, canke mu nzu iri kure y'ibibangamye bisamaza, n'urwamo rwobuza umuntu kuzirikana insiguro y'ivyo asoma, kandi ntasomere Qor'ani ahantu batayubaha.

## III. AMATEGEKO NGENDERWAKO AFASHA MU GUSOBANURA QOR'ANI (TAFSIIR)

### III.1. Insobanuro ya mbere yemewe kandi itomoye neza

Ni insiguro yisunga insiguro yakiriwe, iyo na yo isumbasumbana uku gukurikira:

#### III.1.1. Gusobanura Qor'ani hakoreshejwe Qor'ani nyene

Mu vy'ukuri insiguro ya mbere ya Qor'ani yemewe, ni iyisunga insiguro ya Qor'ani kuri Qor'ani, kuko bisanzwe bizwi ko hari vyinshi vyafobetswe, bigatomorwa ahandi muri Qor'ani n'ivyaciwe ku mayange bigasigurwa ido n'ido muri yo nyene. Ni nk'uko rero insiguro nk'iyo ibonetse, bica biba ngombwa ko yisungwa igakoreshwa, ntibirekuwe kuyirengagiza ngo urondere iyindi, kuko nta kiremwa coshobora gutahura ico Imana Yashatse gusigura, gusumba Imana Allah Yo nyene.

Ni co gituma Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahanura ingendanyi zayo (Imana Allah Izishimire) ko zokoresha ubwo buryo, mu gutahura insiguro ya Qor'ani, igihe Imana Yamanura Ayah ya 82, mu gisomwa c'Ibitungwa (Al-An'aam) Ivuga Iti:

{الَّذِينَ آمَنُوا وَلَمْ يَلْبِسُوا إِيمَانَهُمْ بِظُلْمٍ}

“Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo, hanyuma ntibavanga ukwemera kwabo n'akarenganyo”. Ingendanyi zaradadaniwe n'iyo nsiguro zibaza ziti: “Mbega! Ni nde muri twebwe yoba atarirenganya!?” Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) izishura iti:

"لَيْسَ كَمَا تَظُنُّونَ! إِنَّمَا هُوَ كَمَا قَالَ لُقْمَانُ لِابْنِهِ: {يَا بُنَيَّ لَا تُشْرِكْ بِاللَّهِ إِنَّ الشِّرْكَ لَظُلْمٌ عَظِيمٌ} "

“Insiguro y'ukuri si nk'uko mwiyumvira! Ahubwo ni nka kumwe Umuvugishwamana Lukmani yabwira umwana wiwe ati: “Mwananje! Ntuzobangikanye Imana Allah n'ikindi kintu, mu vy'ukuri ibangikanyamana ni akarenganyo k'agahomerabunwa (kuko uba ushize ikiremwa ku rugero rumwe n'Iyakiremye).” (Luqmaan: 13).

Kubera ivyo rero, ni co gituma dusanga umwitwarariko wa bamwe mu banonosoye ibijanye no gusobanura Qor'ani, dusanga ushingiye na ntaryo, kuri ubwo buryo bwo gusobanura ukoresheje Qor'ani kuri Qor'ani.

### III.1.2. Gusobanura Qor'ani hakoreshejwe inyigisho z'intumwa y'Imana

Iyo ubwo buryo twavuze aho hejuru butabonetse, hisungwa uburyo bugira kabiri mu buryo bwemewe mu gusigura, ni ukuntu Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yayisiguye, nta nkeka ko ata wuyirusha gusigura Qor'ani, kiretse Imana Allah gusa, kanatsinda ni yo Mushikirizabutumwa bw'Imana, yategetswe gutomorera abantu ivyo yahishuriwe n'Imana Allah.

### III.1.3. Gusobanura Qor'ani hisunzwe insiguro zatanzwe n'ingendanyi

Iyo ubwo buryo bubiri (bwavuzwe aho hejuru) butabonetse, hisungwa uburyo bugira gatatu. Ni insiguro zatanzwe n'ingendanyi z' Intumwa.

Nta nkeka ko ari zo zashoboye gusigura neza kurusha abandi bantu kuko zagize amahirwe zitorwa n'Imana mu bandi ngo zigendanire Intumwa yayo, ziraheza ziyigako vyinshi. Qor'ani yamanuka ari ho ziri. Zari zizi ingeso (imico) n'inyifato z'Abarabu. Hiyongeyeko n'ubumenyi bukwiye zari zifise mw'idini no ku rurimi rw'icarabu.

### III.2. Ivyafobetswe muri Qor'ani

Abamenyi baravuze ibitari bike ku bijanye n'ibifobetswe muri Qor'ani, barananditse n'ibitabu kuri vyo. Birashoboka ko umuntu yokwibaza igituma hari ivyafobetswe muri Qor'ani.

Al-Suyuutwiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yarashoboye kwishura ico kibazo avuga ati: "Gufobeka muri Qor'ani birafise impamvu". Aca adondagura izi mpamvu ngire nce ku mayange:

a. Kuba vyaratomowe ahandi hantu. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah Nyenicubahiro aho Ivuga Iti: {صِرَاطَ الَّذِينَ أَنْعَمْتَ عَلَيْهِمْ}

"Inzira y'abo Wahezagiye Ukabaha inema" (Al-Faatiha: 7). Abo batomowe n'iyindi Ayah:

{مَعَ الَّذِينَ أَنْعَمَ اللَّهُ عَلَيْهِمْ مِنَ النَّبِيِّينَ وَ الصِّدِّيقِينَ وَ الشُّهَدَاءِ وَ الصَّالِحِينَ}

"Hamwe n'abahawe n'Imana Allah inema y'Ubwami bw'ijuru mu Ntumwa, Abavugishwamana, imvugakuri, abapfiriye Imana n'aberanda mu bemeramana" (An-Nisaa-i: 69).

b. Kuba bisanzwe bizwi. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti: {وَقُلْنَا يَا آدَمُ اسْكُنْ أَنْتَ وَزَوْجُكَ الْجَنَّةَ}

“Turaheza Tubwira Adamu Duti: “Ewe Adamu! Ba mu Bwami bw'ijuru, wewe n'umutambukanyi wawe “Hawa”””” (Al-Baqara: 35). Ntiyatomoye izina ry'umukenyezi wiwe Iti: “Hawa”, kuko bizwi neza ko ata wundi mukenyezi yari afise kiretse Hawa.

c. Kubikira akabanga uwo vyashikiye ku mpamvu zo gutera ikigongwe abandi. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti:

{وَمِنَ النَّاسِ مَنْ يُعْجِبُكَ قَوْلُهُ فِي الْحَيَاةِ الدُّنْيَا}

“Mu bantu harimwo indyarya, uryoherwa n'ivyo ivuga mu kurondera ivy'isi…” (Al- Baqara: 204).

d. Kuba ata nyungu nini iboneka mu gutomora. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti: {أَوْ كَالَّذِي مَرَّ عَلَى قَرْيَةٍ}

“...canke urabona nka wa muntu yaca mu gacimbiri...” (Al- Baqara: 259).

e. Ku kwibutsa ko itegeko ritega umwe, ahubwo ryega bose muri rusangi. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti:

{وَمَنْ يَخْرُجْ مِنْ بَيْتِهِ مُهَاجِرًا}

“Uwimukiye aho atekanirwa mw'idini ku bw'Imana Allah, …” (An-Nisaa-i: 100).

f. Kumuha icubahiro mu kudondagura ivyakozwe hatavuzwe izina. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti:

{وَلَا يَأۡتَلِ أُوْلُواْ ٱلۡفَضۡلِ}

“Abatewe iteka muri mwebwe bakagira ico basumbije abandi, ntibazorahire ko batazokenura abavandimwe babo, abakene n'abimukira (bimutse barondera indishi) ku Mana Allah” (An-Nuur: 22).

g. Kumusuzugura mu kwirengagiza ivyakozwe. Akarorero, ni ijambo ry'Imana Allah aho Ivuga Iti: {إِنَّ شَانِئَكَ هُوَ الْأَبْتَرُ}

“Mu vy'ukuri, uwugucokora (Ntumwa y'Imana) akanka n'uburongozi warungikanwe, ni we yacitswe n'ivyiza vyose, kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa” (Al-Kawthar: 3).

Izi ni zo mpamvu nkuru zituma hari ivyafobetswe muri Qor'ani ntagatifu, canecane mu bitaboneka ko mu gutomora harimwo inyungu nini, canke ngo hagire ico bigabanya mu bijanye no kwiyegereza Imana Allah; nko kudatomora amazina ya Asw-haabu l-kah-f n'imbwa bari kumwe uko yasa,

canke ubwoko bw'igiti Adamu yabujijwe kurya ivyamwa vyaco, n'ibindi vyinshi dusanga muri Qor'ani, kuko ata nyungu nini dukura mu kubitomora.

### III.3. Inyigisho nyamukuru

Ni uko ijambo ryega bose si icatumye rivugwa: iri ni itegeko rihambaye mu mategeko yisungwa mu gusigura Qor'ani. Uwuryisunze ashika ku vyiza vyinshi n'ubumenyi bwinshi, uwuryirengagije na we ayoberwa vyinshi agahuba cane.

Akarorero ni: “Ivyavuzwe n'abasiguzi ku vyatumye hamanuka Qor'ani, mu vy'ukuri bivugwa mu ntumbero yo gusigura amajambo, bitaraba gusa ivyo vyatumye imanuka canke ababikoze, kiretse gusa mu gihe hoba hari icerekana ko ari bo gusa itegeko ryega".

Ivyo ni ku majambo yose afise insiguro rusangi, ku buryo asigura ibintu vyinshi. Al-Imamu Ibnu Sa'adiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) avuga ati: “Iyo Imana Allah Itegetse gukora ikintu, uca uraba insiguro yojana na co n'iyitojana na co, maze ukamenya ko nya tegeko rifata abantu bose. Ni nk'uko nyene iyo Ibujije gukora ikintu. Kwisunga iri tegeko birafasha cane kumenya imbibe z'ivyo Imana yahishuriye Intumwa yayo, no kubishira mu ngiro neza”.

## IV. GUSOBANURA IBISOMWA BIMWEBIMWE NA AYAH UMWISLAMU ASOMA KENSHI

### IV.1. Gusobanura igisomwa c'Itanguriro (Al-Faatiha)

Imana Allah Iravuga Iti:

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ١ ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ٣ مَٰلِكِ
يَوۡمِ ٱلدِّينِ ٤ إِيَّاكَ نَعۡبُدُ وَإِيَّاكَ نَسۡتَعِينُ ٥ ٱهۡدِنَا ٱلصِّرَٰطَ ٱلۡمُسۡتَقِيمَ ٦ صِرَٰطَ
ٱلَّذِينَ أَنۡعَمۡتَ عَلَيۡهِمۡ غَيۡرِ ٱلۡمَغۡضُوبِ عَلَيۡهِمۡ وَلَا ٱلضَّآلِّينَ ٧

#### IV.1.1. Ibiranga iki gisomwa.

Iki gisomwa cahishuriwe i Makka, nk'uko abenshi mu bamenyi bavyemeza. Kigizwe na Ayah indwi.

#### IV.1.2. Izina ryaco

Iki gisomwa gifise amazina menshi cane, bikaba vyerekana ko gifise agaciro kanini kandi cubashwe, na kare amazina menshi yerekana icubahiro c'uwuyitwa.

Muri ayo mazina ni: “Faatihatu l-kitaab (itanguriro ry'Igitabu), Al-Qor'anu l'Adhwiim (Qor'ani ntagatifu), Ummu l-kitaab (nyina w'Igitabu), Al-Sab'u l-Mathaanii (Ayah indwi zisomwa mu vyunamo vyose mw'isengesho)”.

#### IV.1.3. Ivyiza vy'iki gisomwa

Iki gisomwa gifise ivyiza vyinshi bihambaye, vyinshi vyasiguwe mu nyigisho z'Intumwa. Muri zo ni:

- ❖ Ingendanyi Ubaada mwene Al-Swaamit (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti: “Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Nta sengesho ryemerwa ku wutasomye Al-Faatiha””.
- ❖ Ingendanyi Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti: “Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: “Imana Allah Nyenicubahiro gisumba vyose Yavuze Iti: “Isengesho Nararigabuye kubiri hagati yanje

n'umuja wanje, igice canje n'igice c'umuja wanje. Kandi umuja wanje ategerezwa kuronka ivyo asavye. Iyo rero avuze ati: "*Alhamdu lillaahi rabbi l'aalamiin*". Imana Allah Imwishura Iti: "Umuja wanje aranshimagije!". Avuze ati: "*Arrahmaani Rrahiim*". Imana Allah Imwishura Iti: "Umuja wanje araninahaje". Avuze ati: "*Maaliki yawmi ddiin*". Imana Allah Imwishura Iti: "Umuja wanje aranteye iteka". Avuze ati: "*Iyyaaka na'budu wa iyyaaka nas-ta'iin*". Imana Allah Imwishura Iti: "Ico ni hagati yanje n'umuja wanje, kandi umuja wanje ategerezwa kuronka ivyo asavye". Iyo avuze ati: "*Ih-dina sswiraatwa l-mustaqiim. Swiraatwa lladhiina an'amta alayhim ghayri l-magh-dwuubi alayhim wala ddwaalliin*". Imana Allah Ica Imwishura Iti: "Ivyo bigenewe umuja wanje, kandi ndamuhaye ivyo yasavye"""".

Hari n'izindi nyigisho nyinshi z'Intumwa zigisha ivyiza vy'iki gisomwa.

### IV.1.4. Inyungu zo kwitabira "Amiin"

Mu nyigisho y'intumwa yashikirijwe na Al-Bukhariy, yumviswe n'ingendanyi Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti: "Intumwa y'Imana Allah yavuze iti: "Uwusoma Al-Faatiha niyavuga: "Amiin" na mwe muritabira muti: "Amiin". Mu vy'ukuri abamalayika na bo baritabira: "Amiin". Kubera ivyo rero uwuzokwitabira agahuririrana n'uko bitabiriye, azogirirwa ikigongwe ku vyaha vyiwe yakoze.""

Mu nyigisho y'intumwa yashikirijwe na Muslimu: "Uwusoma niyavuga ati: "*Wala ddwaalliin*". Muritabira muti: "Amiin", Imana Allah Izoca Ibemerera ivyo mwasavye".

### IV.1.5. Kugisoma mw'isengesho

Ni ngombwa ko umwislamu asoma igisomwa "Al-Faatiha" ku cunamo ico ari co cose (raka'a), kandi insiguro yaco mu rundi rurimi ntiyogisubirira.

Kugisoma rero ni inkingi mw'isengesho, ryaba iritegetswe canke iry'inyongera (sunnah). Birakenewe ku wusengeshwa kugisoma mu gacerere, mw'isengesho ryo gusoma mw'ijwi.

### IV.1.6. Insorongoro y'amajambo

AL-HAMDU: Gushimagiza Imana Allah hakoreshejwe amatazirano akwiranye n'icubahiro cayo.

LILLAAHI: ku bw'Imana Isengwa Ikwiriye kutabangikanywa mu bikorwa vyo kuyiyegereza.

RABBI: Umurezi, Umubungabunzi w'ibiremwa ni na We Mugabe.

AL-RABBU ni rimwe mu mazina y'Imana, ntirikoreshwa ku biremwa kiretse mu gihe rihekeranye n'irindi jambo. Akarorero “RABBU L-DDAAR” bisigura nyeninzu, serugo.

AL’AALAMIIN: ibiremwa vyose (ico cose kitari Imana Allah).

ARRAHMAANI RRAHIIM: Ni amazina abiri asigura Nyenimpuhwe nta ngere, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

MAALIKI YAWMI DDIIN: Umwami, Aganza umusi w'imperuka (w'izuka). Wiswe “YAWMU DDIIN” kuko kuri uwo musi Imana Allah Izohemba ibiremwa ku vyo vyakoze. Ivyiza bizobihemberwa Ubwami bw'ijuru, ibibi bizobihemberwa umuriro udahera. Uwo musi ubwami bwose buzohera hasigare gusa Ubwami bw'Imana Allah Umugabe w'ibiremwa vyose.

IYYAAKA NA'ABUDU WA'IYYAAKA NAS-TA'IIN: Ntidusenga kiretse Imana Imwe Rudende Allah, kandi nta wundi dusaba imfashanyo atari Yo gusa. Ni Yo dusenga ni na Yo dusaba imfashanyo, tutayibangikanya n'ibiremwa.

Ijambo IBAADA rivuye mu rivuga “NA'BUDU”, rihurikiyemwo ikintu ico ari co cose gikundwa kigashimwa n'Imana Allah mu majambo canke mu bikorwa vyo kuyiyegereza, ibiboneka n'ibitaboneka.

Ijambo AL-ISTI'AANA rivuye mu rivuga “NASTA'IIN” risigura kwizera no gutumbera Imana Allah mu kurondera ibintu ngirakamaro no kwirinda intambamyi, kandi ukizera ko ari Yo Ibigushoboza.

Muri iyo Ayah havugwa IBAADA ibangabanganye na AL-ISTI'AANA, mu kwerekana akamaro ko kwitwararika agateka k'Imana Allah kurusha agateka ka kiremwa-muntu.

I-HDINA SSWIRAATWA L-MUSTAQIIM:

I-HDINA: Twereke, Tuyobore, Dushoboze.

ASSWIRAATWA L-MUSTAQIIM, ni inzira itomoye igushikana ku Mana Allah, na yo ni ubwislamu. Ni ryo dini ry'abahezagiwe mu Ntumwa, mu mvugakuri, mu bapfiriye Imana n'aberanda mu biremwa.

GHAYRI L-MAGH-DWUUBI ALAYHIM: Atari iya ba bandi batahuye ukuri bakaguhonyanga, na bo ni abayahudi n'abandi bahawe ubumenyi ntibabugendera.

WALA DDWAALLIIN: Canke abanaswara n'uwo wese asenga Imana mu buryo atari bwo bivuye ku kutamenya.

AAMIIN: iri jambo ntiriri muri Ayah zigize Al-Faatiha. Risigura riti Mana Nzima! Twakirire ibikorwa vyacu. Uwusengesha (Imaamu), uwusengeshwa (Ma'amuuma) n'uwisengana, ni vyiza ko bose barivuga.

Iki gisomwa Al-Faatiha n'aho ari kigufi kirimwo vyose bisanzwe biri mu gisomwa ico ari co cose muri Qor'ani. Harimwo imice yose ijanye no kwemera Imana Imwe Rudende Allah. Harimwo n'ukwemera Imana Imwe Rudende Allah mu kutabangikanywa mu bikorwa vyayo (TAWHIIDU RRUBUUBIYYA). Ivyo tubisoma muri "RABBI L'AALAMIIN". Harimwo n'ukwemera Imana Imwe Rudende Allah mu kutabangikanywa mu gusenga (TAWHIIDU L-ULUUHIYYA). Ivyo tubisoma muri "IYYAAKA NA'BUDU WA-IYYAAKA NASTA'IIN". Hakaba n'ukwemera Imana Imwe Rudende Allah mu kutabangikanywa mu mazina n'amatazirano yayo (TAWHIIDU L-AS-MAA-I WASSWIFAATI), ukwemanga ko Imana Allah Ifise amazina n'amatazirano meza akwiranye n'ubumana bwayo. Ivyo na vyo tubisoma muri "AL-HAMDU LILLAAHI", mu kwemanga ishimagizwa ry'Imana Allah.

### IV.1.7. Inyungu zirimwo

1) Kwemeza imice itatu igize ukwemera Imana Imwe Rudende Allah: (TAWHIIDU RRUBUUBIYYA, TAWHIIDU L-ULUUHIYYA na TAWHIIDU L-AS-MAA-I WASSWIFAATI).
2) Kwemeza ko hari Intumwa z'Imana. Tubisoma muri "I-HDINA S-SWIRAATWA L-MUSTAQIIM", kuko Imana nta kuntu Yokuyobora muri iyo nzira itomoye bidaciye mu kurungika Intumwa.
3) Kwemeza ko hazoba guharurirwa no guhembwa ku vyo abantu bakoze. Tubisoma muri "MAALIKI YAWMI DDIIN".
4) Ko isengesho badasomyemwo Al-Faatiha riba ridakwije.
5) Iki gisomwa kirimwo igisabisho gihurikiyemwo ivyankenerwa vyose ku muntu, "I-HDINA S-SWIRAATWA L-MUSTAQIIM". Ni co gituma umwislamu agisaba mu cunamo ico ari co cose mw'isengesho.

## IV.2. Insobanuro ya Ayah y'Inganji "Ayatu l-Kursiy" (Al-Baqara: 255)

Imana Allah Iravuga Iti:

ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلۡحَيُّ ٱلۡقَيُّومُۚ لَا تَأۡخُذُهُۥ سِنَةٞ وَلَا نَوۡمٞۚ لَّهُۥ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۗ
مَن ذَا ٱلَّذِي يَشۡفَعُ عِندَهُۥٓ إِلَّا بِإِذۡنِهِۦۚ يَعۡلَمُ مَا بَيۡنَ أَيۡدِيهِمۡ وَمَا خَلۡفَهُمۡۖ وَلَا يُحِيطُونَ بِشَيۡءٖ
مِّنۡ عِلۡمِهِۦٓ إِلَّا بِمَا شَآءَۚ وَسِعَ كُرۡسِيُّهُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَۖ وَلَا يَـُٔودُهُۥ حِفۡظُهُمَاۚ
وَهُوَ ٱلۡعَلِيُّ ٱلۡعَظِيمُ

### IV.2.1. Ibirimwo

Kwubaha Imana Allah, kuyemera no kwerekana ubushobozi bwayo.

### IV.2.2. Ivyiza vy'iyi Ayah

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarigishije ko iyi Ayah ari yo ihambaye cane muri Qor'ani, biturutse ku biri muri yo. Harimwo ibijanye no kwemera Imana Imwe Rudende Allah, icubahiro cayo n'amatazirano y'Imana Rurema.

### IV.2.3. Mu vyerekana ivyiza vyayo

Ni ibi bikurikira:

- Ingendanyi Ubayyi mwene Ka'abu (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yamubwiye iti: "Ni iyihe Ayah ihambaye uzi muri Qor'ani?". Na we ati: "Ndaheza ndishura nti: "Imana Allah n'Intumwa yayo ni bo bazi kundusha", kugeza aho ibisubiramwo gatatu hanyuma ndishura nti: "ALLAAHU LAA ILAAHA ILLAA HUWA L-HAYUU L-QAYYUUM". Ica inkubita ku gikiriza iraheza ivuga iti: "Urakagira ubumenyi muvyeyi wa Al-Mundhiri"".
- Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igihe kimwe yanshinze gucungera imperezwa yo gusozera Ramadhani. Hanyuma haza umuntu atangura gukoba mu mfungurwa, ndamufata ndamubwira nti: "Ntegerezwa kugushengeza imbere y' Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)".

Abandanya ashikiriza iyi nyigisho y'intumwa kugeza aho avuga ati wa muntu aca ambwira ati: "Niwaja ku busaswa urasoma Ayatu l-Kursiy, uce ubandanya ucungerewe n'Imana, shetani ntizoshobora kukwegera gushika buce". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica ivuga iti: "Yakubwiye ukuri kandi ari umubeshi, urya yari shetani!". Yashikirijwe na Al-Bukhariy. Izo ni zimwe mu nyigisho zerekana ivyiza vyinshi vya Ayatu l-Kursiy. Abanditsi barananditse ibitabu vyinshi bisigura iyo Ayah n'ivyiza vyayo.

**IV.2.4. Kuyisoma uhejeje gusenga isengesho-bwirizwa**

Birabereye gusoma Ayatu l-Kursiy uhejeje gusenga isengesho-bwirizwa no mu gihe ushaka kuryama canke kwirukana amashetani mu nzu.

**IV.2.5. Insorongoro y'amajambo**

ALLAAHU: Imana Isengwa Ikwiye gutumberwa Itabangikanywa mu bikorwa vyo kuyiyegereza vyose.

AL-HAYYU: Uhoraho Nyenubugingo budashira. Ifise vyose biranga ubuzima nk'uko biyikwiye. Irafise kwumva, kubona, gushobora, gushaka n'ibindi biranga uko Iteye.

AL-QAYYUUM: Umuhagarikizi wa vyose. Iri zina risigura ibintu vyose bikorwa n'Imana Allah, kuko AL-QAYYUUM ni wa wundi ariho ku bushobozi bwiwe, Yikenuye muri vyose, nta co Akeneye ku biremwa. Ibihari vyose vyabayeho ku bushobozi bwiwe, Abitegekaniriza vyankenerwa vyose kugira ngo bibandanye kubaho.

SINATUN: Guhunikira, guhunyiza, gushaka gusinzira, bitumwe n'ukunanirwa kw'umubiri bikurikirwa no gusinzira. Biri mu bintu nkenerwa ku biremwa, kuko vyaremwe bifise amagara make.

MAN DHA LLADHII YASH-FA'U INDAHUU ILLAA BI-IDHNIHI:

YASH-FA'U riva mu rivuga ASSHAFAA'ATU risigura kwifatanya n'uwundi kugira ngo umutabare wongere umuvugire. Akenshi rikoreshwa mu gihe umuntu yifatanije n'uwo asumvya icubahiro canke inguvu kugira ngo amutabare. Nta wushobora gusabira uwundi agakiza (kubera ko imbere y'Imana Allah bose bangana), kiretse abanje guhabwa uburenganzira n'Imana Allah.

WASI'A KURSIYYUHU: AL-KURSIYYU ni intebe y'Inganji, nayo AL'ARSHI ni Ubuhangamo. Nta wushobora kugena aho bugarukira. Izo ni zo nsiguro zemewe.

WALAA YA-UUDUHU: Ntibiyinaniye, ntibiyigoye kubungabunga ijuru n'isi n'ibiri muri vyo, kuko Ifise ubushobozi nta ngere.

AL'ALIYYU: Nyenicubahiro-ntangere, Ari hejuru y'ibiremwa vyose mu bushobozi no mu butungane.

AL'ADHWIIM: Nyenicubahirogisumbavyose,

Nyenukwishimakurutavyose.

Iyi Ayah irahambaye cane, irimwo izo nsiguro zose nziza, zituma umutima utinya, ukubaha Imana Allah. Birakwiye vy'ukuri ko iba Ayah ihambaye gusumba zose. Birakwiye rero ko uwuyisomye ategera insiguro yayo, ko mu mutima wiwe hasasagara ukwemera n'ukwizera, gutyo Imana Allah Igaheza Ikamucungera mu kumukingira ibibi vya shetani.

### IV.2.6. Insobanuro muri rusangi

Allah ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenubugingo budashira (nk'uko biyikwiye), Umubungabunzi w'ibiremwa vyose. Ntihunikira (ntihunyiza) eka ntinasinzira. Ni Yo Mugabe w'ibiri mw'ijuru n'ibiri kw'isi. Nta n'umwe yosabira agakiza uwundi ku Mana Allah kiretse ku burenganzira buvuye kuri Yo. Ni Yo Izi bikwiye inkuru z'ibiremwa vyose; kahise, kubu na kazoza kavyo. Nta n'umwe yovugira uwundi ku Mana Allah kiretse ivyo Yo Yonyene Ishatse (ko amenya). Intebe y'Inganji yayo ikikije amajuru n'isi, kandi ntibiyiruhije kubungabunga ijuru n'isi. Iyo Mana ni Yo Nyenicubahiro-ntangere, Nyenicubahirogisumbavyose.

### IV.2.7. Inyungu zirimwo

Iyi Ayah irimwo inyungu nyinshi cane. Mbere ijambo rimwerimwe ryose ririmwo inyungu. Reka duce ku mayange izihambaye mu majambo akurikira:

1) Ayatu l-kursiy ni yo Ayah ihambaye gusumba izindi muri Qor'ani. Kanatsinda ihurikiyemwo amazina n'amatazirano y'Imana Allah.
2) Ubuhagarikizi bwikwiye burangwa n'ubushobozi n'icubahiro nta ngere vy'Imana Allah, bituma umuntu yamiza Imana ku muzirikanyi.
3) Ku Mana Allah nta kinyegezwa kuko Izi ibiri kw'isi no mw'ijuru vyose (kahise, kubu na kazoza k'ibiremwa). “YA'LAMU MAA BAYNA AYDIIHIM WAMAA KHAL-FAHUM". Ivyo birakenewe ko umwislamu avyemera, akavyizera ku bimushikira mu buzima bwiwe bwose.
4) Kwemeza ko bishoboka kuvugira uwundi imbere y'Uhoraho mu gihe Imana Allah Itanze uburenganzira, Igashima uwuvugiwe. “MAN DHA LLADHII YASH-FA'U INDAHUU ILLAA BI-IDH-NIHI”.

### IV.3. Insobanuro ya Ayah zibiri (285-286) zihereza mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara)

Imana Allah Iravuga Iti:

ءَامَنَ ٱلرَّسُولُ بِمَآ أُنزِلَ إِلَيۡهِ مِن رَّبِّهِۦ وَٱلۡمُؤۡمِنُونَۚ كُلٌّ ءَامَنَ بِٱللَّهِ وَمَلَٰٓئِكَتِهِۦ
وَكُتُبِهِۦ وَرُسُلِهِۦ لَا نُفَرِّقُ بَيۡنَ أَحَدٖ مِّن رُّسُلِهِۦۚ وَقَالُواْ سَمِعۡنَا وَأَطَعۡنَاۖ غُفۡرَانَكَ
رَبَّنَا وَإِلَيۡكَ ٱلۡمَصِيرُ ٢٨٥ لَا يُكَلِّفُ ٱللَّهُ نَفۡسًا إِلَّا وُسۡعَهَاۚ لَهَا مَا كَسَبَتۡ وَعَلَيۡهَا
مَا ٱكۡتَسَبَتۡۗ رَبَّنَا لَا تُؤَاخِذۡنَآ إِن نَّسِينَآ أَوۡ أَخۡطَأۡنَاۚ رَبَّنَا وَلَا تَحۡمِلۡ عَلَيۡنَآ إِصۡرٗا
كَمَا حَمَلۡتَهُۥ عَلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِنَاۚ رَبَّنَا وَلَا تُحَمِّلۡنَا مَا لَا طَاقَةَ لَنَا بِهِۦۖ وَٱعۡفُ عَنَّا
وَٱغۡفِرۡ لَنَا وَٱرۡحَمۡنَآۚ أَنتَ مَوۡلَىٰنَا فَٱنصُرۡنَا عَلَى ٱلۡقَوۡمِ ٱلۡكَٰفِرِينَ ٢٨٦

#### IV.3.1. Ivyiza biri muri izi Ayah zibiri

1) Ingendanyi mwene Masudi (Imana Allah Imwishimire) yavuze iti: "Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuzosoma izi Ayah zibiri zihereza igisomwa "Al-Baqara" mw'ijoro, zizomukingira"". Yashikirijwe na Al-Bukhariy na Muslimu.

   Iyo nyigisho y' intumwa irerekana ko uwuzisomye zimukingira ibibi vyose iryo joro uravye insiguro yazo. Hariho n'iyindi nsiguro ko kuzisoma mw'ijoro bihagije n'aho umuntu atosenga isengesho ryo mu gicugu.

2) Inyigisho y'intumwa yashikirijwe na Imaamu Muslimu (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) ivuga mu bintu yagenewe, izindi Ntumwa zitahawe ko: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahawe ibintu bitatu. Muri vyo, yahawe amasengesho atanu na Ayah zibiri zihereza igisomwa Al-Baqara".

Inyigisho zakiriwe zerekana ivyiza vy'izo Ayah ni nyinshi. Imaamu Ibnu Kathiir yaradondaguye izitari nke mu gusigura izo Ayah.

### IV.3.2. Icatumye zihishurwa

Nk'uko vyashikirijwe na Muslimu n'abandi mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: “Igihe hamanuka Ayah ivuga iti: “Nimwaserura ikiri ku mutima wanyu canke mukakinyegeza Imana Allah Izokibahanira…”, vyararemereye ingendanyi (Imana Allah Izishimire), ziraheza zigana zishika zipfukama, maze zivuga ziti: “Ewe Ntumwa y'Imana! Twategetswe gukora ibikorwa vyiza dushoboye: gusenga, kwipfunga, kurwanira Imana Allah no gutanga imperezwa. Ariko mu vy'ukuri hururutse iyi Ayah tudashoboye gushira mu ngiro!”. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica irazishura iti: “Mbega yemwe! Karashize ingani muvuge nk'uko abahawe Igitabu aho hambere bavuze! Bavuze bati: “Twumvise, twagararije!”. Ahubwo nimuvuge muti: “Twumvise, twumviye Imana Allah, turasavye ikigongwe cawe Mana Yacu Rurema kandi amaherezo ni iwawe”. Izo ngendanyi zimaze kuvyemanga zikavyatura ku rurimi, Imana Allah Yaciye Imanura Ayah ikurikira Iti: “Yemeye ivyo yahishuriwe bivuye ku Mana Yayo Rurema…”. Zimaze gushira mu ngiro ivyo, Imana Allah Yaciye Imanura Ayah Iti: “Imana Allah ntitegeka umuntu ibirengeye ubushobozi ndemanwa Yamuhaye…””

### IV.3.3. Igihe zisomwa

1) Izi Ayah ni vyiza kuzisoma ugira uryame kubera inyungu zazo twumvise mu nyigisho y'intumwa (“Uwuzozisoma mw'ijoro zizoba zihagije”), no kubera ivyakiriwe vyavuzwe na Ali (Imana Allah Imwishimire) ati: "Sintahura umuntu yiyumvira neza akagira ubwenge bukwiye, yashikiriwe n'ubwislamu ashobora kuryama atabanje gusoma Ayatu l-kursiy na za Ayah zihereza igisomwa Al-Baqara, mu vy'ukuri zahishuwe zivuye munsi y'Ubuhangamo bw'Imana Allah (Al'Arshi)”.
2) Kandi ni vyiza kuzisomera mu nzu ushatse kwirukana shetani, twisunze inyigisho y'intumwa yakiriwe na Al-Nu’maani mwene Bashiri (Imana Allah Imwishimire) ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Mu vy'ukuri Imana Allah Yaranditse igitabu imbere yuko Irema ijuru n'isi ku myaka ibihumbi bibiri, Iraheza Ihishura mu birimwo Ayah zibiri zisozera igisomwa Al-Baqara, ntizisomerwa mu nzu iyo ari yo yose amajoro atatu kiretse ko shetani ica iyihunga".

### IV.3.4. Insorongoro y'amajambo

AAMANA RRASUULU: yaremeye ata makenga ivyo yahishuriwe.

SAMI'NAA WA ATWA'ANAA: Aya majambo atwereka ko abemeramana bubahirije ibintu vyose bategetswe n'Intumwa y'Imana mu kuvyatura bati: "Twumvise, turavyakira nkama kandi twumviye Imana mu gushira mu ngiro ivyo dutegekwa".

GHUF-RAANAKA: Turasavye imbabazi n'ikigongwe cawe Mana.

MAGH-FIRA ni ugupfukira ivyaha no kutabihanira umuntu ku musi w'umuhero.

WA-ILAYKA L-MASWIIR: Impera n'imperuka tuzosubira iwawe ku musi wo guharurirwa.

LAA YUKALLIFU LLAAHU NAF-SAN ILLAA WUS'AHAA: Imana Allah ntitegeka umuntu ibirimwo amananiza adashoboye. Kubera ivyo rero, Imutegeka ivyoroshe ashoboye gushira mu ngiro kubera impuhwe Imufitiye.

LAHAA MAA KASABAT WA'ALAYHAA MA KTASABAT: Umuntu azohemberwa ivyiza yakoze, ahanirwe ibibi yakoze.

RABBANAA LAA TUAAKHIDH-NAA IN NASIINAA AW AKH-TWA-ANAA: Mana yacu Rurema! Ntuduhane mu gihe twibagiye gukora ibitegetswe, mu gihe dukoze ibibujijwe canke dukosheje bitewe no kutamenya.

RABBANAA WALAA TAH-MIL ALAYNAA ISW-RAN KAMAA HAMALTAHUU ALA LLADHIINA MIN QABLINAA: Mana Yacu Rurema! Ntuduhe itegeko ririmwo amananiza nk'uko Wategetse ab’aho hambere yacu.

ANTA MAWLAANAA: Ni Wewe Umuhagarikizi n'Umutabazi wacu.

### IV.3.5. Insobanuro muri rusangi

Muri izi Ayah Imana Allah Iratwiganira inkuru y'Intumwa y'Imana Muhamadi n'ingendanyi zayo (abemeramana) ko bose bemera ivyahishuwe, bakemera Imana Imwe Rudende Allah, Ibitabu vyayo, n'Intumwa zayo zose batavanguye n'imwe. Ivyo baravyumvise barabishira mu ngiro baraheza barasaba Imana Allah imbabazi, barayitakambira basaba ko Yobatera intege mu gushira mu ngiro ivyo bategekwa.

Imana Allah Irongera Ikatwiganira ko Idategeka abantu ivyo badashoboye gushira mu ngiro. Umwe wese azohemberwa ivyiza yakoze, ahanirwe ibibi yakoze, n'uko Imana Allah Ibababarira iyo bibagiye gushira mu ngiro ivyo bategetswe n'ivyo bakoze mu bibujijwe mu kutamenya.

Imana Allah Yaraborohereje amategeko, ntagiramwo amananiza nk'ayo Yategetse ab'aho hambere, kandi ntiyabaremereje mu mabwirizwa. Mu vy'ukuri Imana Allah Yarababababariye Ibagirira impuhwe, Ibashoboza gutsinda abahakanyi.

**IV.3.6. Inyungu zirimwo**

1) Inyifato y'umwislamu ibereye, ni ukwumva, kwumvira Imana Allah no gushira mu ngiro amabwirizwa yayo.
2) Mu bintu ntahara mu kwemera, ni ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, Abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo.
3) Ni ngombwa kwemera Intumwa z'Imana zose n'Ibitabu vyayo vyose ata kuvangura.
4) Kutaremeka ibiremwa ivyo bidashoboye mu mategeko, kutabihana ku vyo vyibagiye canke vyakoze ku bujuju. Ivyo vyerekana impuhwe nyinshi Imana Allah Ifitiye ibiremwa.
5) Idini ry'ubwislamu riroroshe ntirigiramwo amananiza.
6) Kwemererwa igisabisho mu gihe umwemeramana asavye ibisabisho biri muri izi Ayah. Ni na co gituma bisabwa kuzisoma mu gihe co kuryama no kuzisomera mu nzu.

Dusabe Imana Rugiravyose mu mazina no mu matazirano yayo twisunze ivyo Yadushoboje kwubahiriza mw'idini, ko Yodushikana kuri ivyo vyose biri muri ivyo bisabisho, Iduhe ivyo Yadusezeraniye biciye ku Ntumwa yayo, Yongere Ihe abemeramana ukuroranirwa mu buzima bwabo.

## IV.4. Insobanuro y'igisomwa c'Igihe (Al'Aswr)

Imana Allah Iravuga Iti:

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

وَٱلۡعَصۡرِ ١ إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ لَفِي خُسۡرٍ ٢ إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ
وَتَوَاصَوۡاْ بِٱلۡحَقِّ وَتَوَاصَوۡاْ بِٱلصَّبۡرِ ٣

### IV.4.1. Ibikiranga

Iki gisomwa cahishuriwe i Makka, kigizwe na Ayah zitatu.

### IV.4.2. Ivyiza biri muri co

Mu nyigisho yashikirijwe na Al-Twabaraniy mu gitabu ciwe (Al-Muujam Al-Awsat) ikaba yakiriwe na Abdullahi mwene Hiswn yavuze ati: "Abantu babiri mu ngendanyi z'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bahora mu gihe bahuye badatandukana kiretse ko umwe muri bo yabanza gusoma igisomwa c'Igihe (Al'Aswr) gushika agiheze, hanyuma bagaca bahana indamutso y'amahoro bakikebanurana".

Al-Imaamu Al-Shaafiy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Iyo abantu batahura neza iki gisomwa vyari kuba bihagije ko bayoboka Imana Allah vy'ukuri".

### IV.4.3. Insorongoro y'amajambo

Urudome "WAW" rukoreshwa mu kurahira. Nayo AL'ASWR risigura igihe canke umwanya ukenerwa na kiremwa-muntu kugira ngo kirangure ivyo gikeneye.

AL-INSAAN: Zina kiremwa-muntu.

KHUSRI: Agahombo no guhona.

ILLA LLADHIINA AAMANUU WA'AMILU SSWAALIHAATI: Imana Allah Irerekana ko zina kiremwa-muntu kiri mu gahombo k'agahomerabunwa kiretse uwuzorangwa n'ibintu bine: Ukwemera kuzira amakenga, gukora ivyiza bitegetswe, guhanurana gutsimbatara ku kuri no guhanurana kwihangana.

Bibiri vya mbere bitunganya umuntu ku neza yiwe, ibindi bibiri bisigaye bitunganya abandi. Umuntu rero atunganije ivyo bintu bine aba asimvye imanga y'agahombo, agatahira intsinzi ihambaye.

Abo rero baremeye ivyo bategekwa n'Imana Allah, batako babishira mu ngiro. Ukwemera ntikwemerwa iyo kudashingiye ku bumenyi. Ibikorwa vyiza bitegetswe, ni ibikorwa vyose biboneka n'ibitaboneka, ibibwirijwe n'ibikorwa ku bushake bijanye n'agateka k'Imana canke k'ibiremwa.

WATAWAASWAU BILHAQQI: Bagahanurana ukwemera n’ugukora ivyiza bitegetswe.

WATAWAASWAU BISSWABRI: Bagahanurana kwihangana mu mice yakwo itatu: Ukwihanganira kwumvira Imana Allah, ukwihanganira kudakora ivyaha n'ukwihanganira ivyagezwe mu gihe ushikiwe n'ivyago.

Muri iki gisomwa, biraboneka neza ko abantu bose bari mu gahombo k'agahomerabunwa kiretse abazogendera ibintu bine twavuze aho hejuru.

**IV.4.4. Inyungu zirimwo**

1) Imana Allah Irahira ku co Ishatse mu biremwa vyayo, ariko umuntu ntarekuriwe kurahira kiretse ku Yamuremye Allah gusa, twisunze inyigisho y'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: “Uwuzorahira ku kitari Imana Allah, mu vy'ukuri azoba ahakanye canke abangikanije”.
2) Zina kiremwa-muntu wese ari mu gahombo kiretse uwurangwa n'ibintu bine: Ukwemera, gukora ivyiza bitegetswe, uguhanurana gutsimbatara ku kuri n’uguhanurana kwihangana.
3) Ukwemera kwonyene kudakurikiwe n'ibikorwa nta co kumarira umuntu.
4) Akamaro ko guhamagarira abantu kwumvira Imana Allah no guhimirizanya kubikora.
5) Ivyiza vyo kwihangana mu mice yakwo itatu, canecane ko bishobora gushikira umwislamu iyo ararikiye abandi kwumvira Imana Allah akishurwa nabi canke akagiririrwa nabi, akamburwa amatungo yiwe canke abiwe bagasinzikarizwa ubuzima.

### IV.5. Insobanuro y'igisomwa c'Abahakanyi (Al-Kaafiruuna)

Imana Allah Iravuga Iti:

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

قُلۡ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡكَٰفِرُونَ ١ لَآ أَعۡبُدُ مَا تَعۡبُدُونَ ٢ وَلَآ أَنتُمۡ عَٰبِدُونَ مَآ أَعۡبُدُ ٣ وَلَآ أَنَا۠ عَابِدٞ مَّا عَبَدتُّمۡ ٤ وَلَآ أَنتُمۡ عَٰبِدُونَ مَآ أَعۡبُدُ ٥ لَكُمۡ دِينُكُمۡ وَلِيَ دِينِ ٦

**IV.5.1. Ibikiranga**

Iki gisomwa cahishuriwe i Makka, kigizwe na Ayah zitandatu.

**IV.5.2. Ivyiza vyaco**

Harakiriwe inyigisho nyinshi z'intumwa zerekana ivyiza vy'iki gisomwa. Aha twovuga ko:

**1) Ingana n'ica kane ca Qor'ani**

Mu nyigisho yashikirijwe na Al-Tirmidhiy ikaba yakiriwe na Anasi mwene Maliki, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabwiye umugabo umwe mu ngendanyi ziwe iti: “Ntufise “Qul yaa ayyuha l-kaafiruuna” ku mutwe?”. Na we arishura ati: “Egome cane ndayifise!”. Ica ivuga iti: “Ingana n'ica kane ca Qor'ani”.

**2) Gitandukanya umuntu n’ibangikanyamana**

Mu nyigisho y'intumwa yashikirijwe na Al-Twabaraaniy yakiriwe na Jabala mwene Haaritha, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: “Niwashika ku buriri bwawe urasoma “Qul yaa ayyuha l-kaafiruuna” gushika uyiheze. Ivyo bizotuma witandukanya n'ibangikanyamana”.

Biri mu migenzo y'intumwa (SUNNAH) kugisoma hamwe n'igisomwa “Al-Ikhlaasw” mu gihe uriko urasenga ivyunamo bibiri vyo gukikura “Alka'ba” (TWAWAAFU). Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa yakiriwe na Jaabir (Imana Allah Imwishimire) igashikirizwa na Muslimu ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora ibisoma.

Ni nk'uko biri mu migenzo y'intumwa kubisoma mu vyunamo bibiri vy'imbere yo gusenga isengesho ryo mu mutwenzi, ivyo bikemezwa n'inyigisho y'intumwa yakiriwe na Abu Hurayra igashikirizwa na Muslimu.

Birasomwa kandi mu vyunamo bibiri uhejeje gusenga isengesho ryo ku kirengazuba, nk'uko vyakiriwe na mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) bigashikirizwa na Ahmadi ko: “Mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yasomye ivyo bisomwa bibiri incuro zirenga mirongo ibiri canke zirenga cumi, mu vyunamo bibiri imbere y'ugusenga isengesho ryo mu mutwenzi no mu vyunamo bibiri inyuma y'ugusenga isengesho ryo ku kirengazuba”.

**IV.5.3. Icatumye iki gisomwa gihishurwa**

Nk'uko vyashikirijwe na mwene Abu Haatim, vyakiriwe na Abdullahi mwene Abasi (Imana Allah Ibishimire bompi) ko Abaqurayshi basavye Intumwa ko yoreka gusotora ibigirwamana vyabo, gutyo na bo bakamuha ubutunzi bumugira umutunzi wa mbere i Makka, bakongera bakamuha bakamushingiza abo ashimye mu bakenyezi beza, bavuga bati: “Ivyo bidakunze tugusavye ko wosenga imana zacu umwaka, na twe tugasenga Imana yawe uwundi mwaka ukurikira”. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica irabishura iti: “Reka ndindire ikiva ku Mana Yanje Rurema”. Imana Ica Imanura igisomwa Al-Kaafiruuna hamwe na Ayah ivuga iti: “Babwire uti: “Mbega mwababisha mwe! Mushaka kuntegeka gusenga ikitari Imana Allah!””.

**IV.5.4. Ihangiro ry'iki gisomwa**

Iki gisomwa ni igisomwa camirira kure ivyo ababangikanyamana bakora. Gitegeka abantu kuzirikana no gusenga Imana Imwe Rudende. Ni co gituma ico gisomwa citwa kandi “Al-Ikhlaasw”.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yategetswe kuvuga no kumenyesha izuba ryaka abahakanyi bose ko yitandukanije na bo mu kwamirira kure ivyo basenga biteye kubiri n'Imana Allah, mu bikorwa no mu vyipfuzo (ibikorwa biboneka n'ibitaboneka): “Jewe sinsenga ivyo musenga”. Gutyo aba yitandukanije n'idini ryabo burundu rishingiye ku gusenga ibintazi, yemanga kandi ko asenga Imana Imwe Rudende Allah nk'uko Ibishaka.

Yaranabakuriye inkoni ku gishitsi ko atazokwigera asenga ibigirwamana vyabo. Ivyo bikaba vyasubiwemwo kenshi muri ico gisomwa, mu ntumbero yo gushimangira ku gusenga no kuzirikana Imana Imwe Rudende Yonyene.

### IV.5.5. Inyungu zirimwo

1) Kwerekana ko Intumwa kizira kikaziririzwa ko yokurikira abahakanyi n'ababangikanyamana.
2) Inzira y'umwemeramana nta ho ihurira n'inzira y'umuhakanyi, kuko umwemeramana akurikira inzira y'Imana Allah, umuhakanyi na we agakurikira inzira ya shetani.
3) Icubahiro c'umwemeramana ntikimurekurira kwunamira ibigirwamana, kandi ntiyemera gusenga ikitari Imana Imwe Rudende Allah.
4) Gusubiramwo kenshi Ayah, vyerekana ko ico kintu gihambaye cane.
5) Indishi y'ivyakozwe n'abantu ni ku musi w'umuhero. "Mufise idini ryanyu rero, nanje nkagira idini ryanje ntarota mpindura".

## IV.6. Insobanuro y'igisomwa co Gutumbera Allah (Al-Ikhlaasw)

Imana Allah Iravuga Iti:

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

قُلۡ هُوَ ٱللَّهُ أَحَدٌ ١ ٱللَّهُ ٱلصَّمَدُ ٢ لَمۡ يَلِدۡ وَلَمۡ يُولَدۡ ٣ وَلَمۡ يَكُن لَّهُۥ كُفُوًا أَحَدُۢ ٤

### IV.6.1. Ibikiranga

Iki gisomwa citwa "Al-Ikhlaasw", gifise n'ayandi mazina nka "Asswamad" na "Qul huwa Llaahu Ahad", kigizwe na Ayah zine. Cahishuriwe i Makka, hari n'abavuga ko cahishuriwe i Madina.

### IV.6.2. Ibirimwo

Ni ugusenga Imana Imwe Rudende Itabangikanywa.

### IV.6.3. Ivyiza vyaco

Iki gisomwa gifise ivyiza vyinshi. Bimwe muri ivyo ni nk'ibi:

1) Kingana n'ica gatatu ca Qor'ani mu ndishi, nk'uko vyashikirijwe na Al-Bukhariy mu vyakiriwe na Abu Saidi yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yabwiye ingendanyi ziwe iti: "Burya umwe muri mwebwe yonanirwa gusoma ica gatatu ca Qor'ani mw'ijoro rimwe?". Bumva birabananiye baraheza bishura bati: "Ntumwa y'Imana! Ni nde muri twebwe yobishobora?". Intumwa ica ivuga iti: "Ni Allaahu l-Waahidu Sswamadu, ica gatatu ca Qor'ani"".
2) Gituma umuntu akunda Imana Allah, nk'uko vyashikirijwe na Al-Bukhariy mu nkuru y'umuntu yasozera isengesho ryiwe mu gusoma iki gisomwa. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) igire ngo iramubaza yishura ati: "Harimwo itazirano ry'Imana (Arrah-maan), ni co gituma nkunda kugisoma". Ica ivuga iti: "Nimubwire uwugisoma ko Imana Allah Imukunda".

### IV.6.4. Icatumye gihishurwa

Nk'uko vyashikirijwe na Imaamu Ahmadi, mu vyakiriwe na Ubayyi mwene Ka'bu (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko: "Abahakanyi babwiye Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) bati: "Ewe Muhamadi! Twiganire inkomoko y'Imana yawe". Imana Allah Ica Imanura "Qul huwa Llaahu Ahad"".

Biravugwa ko ababajije Intumwa ico kibazo bari abayahudi.Twamaze gusigura ko iki gisomwa kivugwa mu vyunamo bibiri vyo gukikura Al-Ka'ba, ivy'imbere y'ugusenga isengesho ryo mu mutwenzi na bibiri vy'inyuma y'ugusenga isengesho ryo ku kirengazuba.

### IV.6.5. Insorongoro y'amajambo

ASSWAMAD: Uwutumberwa n'ibiremwa mu kumutura ingorane, yikwije mu cubahiro ciwe, na we ni Imana Allah. Iri tazirano ASSWAMADU kirazira ko hari umuntu yoryitwa.

LAM YALID WALAM YUULAD: ntiyavyaye ngo Yitiririrwe umwana kandi ntiyavyawe kandi ntigira umugore.

KUFUWAN: Uwungana na Yo, asa na Yo, kuko nta kintu na kimwe cotangwako akarorero gashusha n'Imana. Irumva kandi Irabona.

### IV.6.6. Inyungu zirimwo

1) Iki gisomwa gifise ivyiza vyinshi bingana n'ica gatatu ca Qor'ani; kuko cigisha gusenga no kuzirikana Imana Imwe Rudende.
2) Ni icaha kwitirira Imana Allah umwana canke umuvyeyi. Imana Allah Irikwije muri vyose ntiyavyaye bihushanye n'uko bivugwa n'abayahudi hamwe n'abanaswara.
3) Kwemeza neza cane ukwemera Imana Imwe Rudende Allah mu kutabangikanywa mu gusenga.
4) Ni ngombwa gutagatifuza Imana Allah mu kutayomekera umukenyezi canke umwana, no kutayishushanya n'ikintu ico ari co cose. Irumva kandi Irabona.

### IV.7. Insobanuro y'igisomwa c'Igitondo (Al-Falaq)

Imana Allah Iravuga Iti:

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

قُلۡ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلۡفَلَقِ ۝١ مِن شَرِّ مَا خَلَقَ ۝٢ وَمِن شَرِّ غَاسِقٍ إِذَا وَقَبَ ۝٣

وَمِن شَرِّ ٱلنَّفَّٰثَٰتِ فِي ٱلۡعُقَدِ ۝٤ وَمِن شَرِّ حَاسِدٍ إِذَا حَسَدَ ۝٥

#### IV.7.1. Ivyiza vyaco

Harakiriwe inyigisho nyinshi z' intumwa zerekana ivyiza vy'iki gisomwa. Muri izo ni izi zikurikira:

- ✓ Ivyashikirijwe na Muslimu mu vyakiriwe na Uqbah mwene Aamiri yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Nturabona Ayah zamanuwe muri iri joro? Ntihari bwaboneke Ayah nka zo na rimwe: "QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQI na QUL A'UUDHU BIRABBI NNAASI"".
- ✓ Ivyashikirijwe na Ahmadi mu vyakiriwe na Uqba mwene Aamiri ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yamubwiye iti: "Ewe Uqaybu[1]! Ubwo sinokwigisha ibisomwa bibiri birimwo ivyiza bisumba ibisomwa bibiri vyosomwa n'abantu?". Ndaheza nditabira nti: "Ego cane Ntumwa y'Imana". Ihita inyigisha: "QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQI na QUL A'UUDHU BIRABBI NNAASI". Hanyuma haba ihagurutswa ryo gusenga, Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) iraheza irasengesha ica isoma vya bisomwa bibiri, mu nyuma tubonanye ica irambaza iti: "Ewe Uqaybu! Wabibonye gute!? Urazoja urabisoma mu gihe cose ugiye kuryama no mu gihe cose uvyutse".

#### IV.7.2. Ibihe gisomwa

**- Mu gihe c'indwara**

Nk'uko vyashikirijwe na Maliki mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu gihe irwaye yahora yisomera ibisomwa bikingira "AL-MU'AWWIDHAATI", igaca ihuha (mu biganza) nk'uwuvuma.

---

[1]Iryo zina Uqaybu, ni Uqba rifatiwe mu rwara mu ntumbero yo kumwereka urukundo Intumwa imufitiye.

Aisha abandanya avuga ati: “Igihe irwaye ikaremba nahora ndayisomera ngaca ndayihanaguza ukuryo kwayo ku kurondera imigisha yayo”.

- **Mu gihe ushaka kuryama**

Nk'uko twasiguye mu kwerekana ivyiza vy'iki gisomwa, twokwongerako ko vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu gihe cose mw'ijoro ishitse ku buriri yahora yegeranya ibiganza vyayo, ikaja irahuhamwo nk'uwuvuma mu gusoma “QUL HUWA LLAAHU AHAD”, “QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQ” na “QUL A'UUDHU BIRABBI NNAASI”, igaheza igaca ihanaguza nya biganza aho ishikira ku mubiri wayo; ihereye ku mutwe no mu maso ikabandanya ahasigaye ku mubiri wayo. Ivyo yabigira incuro zitatu. (Yashikirijwe na Al-Bukhariy).

**IV.7.3. Insorongoro y'amajambo**

A'UUDHU: Ndahunze, ndakwikinzeko Mana.
AL-FALAQ: Igitondo canke ibiremwa. Imana Allah Yategetse Intumwa yayo ko yoyisaba Ikayikingira inabi iturutse ku biremwa vyose.
GHAASIQ: Ijoro iyo ryijimye (buhwibiye).
IDHAA WAQAB: Igihe izuba rirenze hagakurikira umwijima w'ijoro.
ANNAFFAATHAATI: Abarozi iyo bapfunditse amapfundo bahuhamwo ngo baroge.
HAASID: Umunyeshari (uwipfuriza abandi ihona ry'ivyo batunze).

**IV.7.4. Insobanuro muri rusangi**

Kw'Izina ry'Imana Allah Nyenimpuhwe Nyenimbabazi.
Vuga uti: “Ndikinze ku Muremyi w'igitondo. Ankingire inabi y'ivyo Yaremye (vyose), inabi y'ijoro iyo ryijimye, inabi y'abahuha mu mapfundo (mu kuroga) n'inabi y'umunyeshari iyo asharitse”.

Iki gisomwa cigisha kwikinga ku Mana Allah n'inabi z'ubwoko bwose, mu guhungira ku Mana Allah kugira ngo Igukingire Yongere Ikurinde n'inabi zose zikomoka ku biremwa.

**IV.7.5. Inyungu zirimwo**

1) Ni ngombwa gusaba Imana Allah Yo Yonyene Ifise ubushobozi bwo kugukingira inabi y'ivyokubangamira mu biremwa: ijoro, uburozi n'abarozi, gusharikwa n'abasharika.
2) Iki gisomwa gifise ivyiza n'inyungu nyinshi mu kuvura indwara, uburozi n'ikijisho.
3) Kiratwereka kandi ko uburozi buriho.
4) Birabujijwe gusharika kuko ari ikintu kibi kandi gifise ingaruka mbi.

## IV.8. Insobanuro y'igisomwa c'Abantu (AN-NAAS)

Imana Allah Iravuga Iti:

بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ

قُلۡ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلنَّاسِ ١ مَلِكِ ٱلنَّاسِ ٢ إِلَٰهِ ٱلنَّاسِ ٣ مِن شَرِّ ٱلۡوَسۡوَاسِ
ٱلۡخَنَّاسِ ٤ ٱلَّذِي يُوَسۡوِسُ فِي صُدُورِ ٱلنَّاسِ ٥ مِنَ ٱلۡجِنَّةِ وَٱلنَّاسِ ٦

### IV.8.1. Ibikiranga
Iki gisomwa cahishuriwe i Makka, kigizwe na Ayah zitandatu.

### IV.8.2. Ivyiza vyaco
Twahejeje kubisigura mu cigwa giheze.

### IV.8.3. Ibihe gisomwamwo
Twahejeje kuvyerekana mu cigwa giheze.

### IV.8.4. Insorongoro y'amajambo
RABBI NNAASI. MALIKI NNAASI. ILAAHI NNAASI: Umugabe n'Umuremyi w'ibiremwa vyose. Ayo majambo atatu, ni amwe mu matazirano y'Imana Allah yerekana ubushobozi bwayo bwo kubungabunga ibiremwa (ARRUBUUBIYYA), kuganza ibiremwa (AL-MULK) no gusenga Imana Imwe Rudende (AL-ULUUHIYYA). Ni Yo Rurema w'ikintu cose, Umugabe w'ikintu cose, ni Imana Ikwiye gusengwa.

AL-WAS-WAASI: Shetani igendana na kiremwa-muntu imutera amazinda, ikamuryosharyosha, ikamwosha gukora ibibi n'ivyaha.

AL-KHANNAASI: Riva mu rivuga "AL-KHUNS" risigura kwiyigiza no kwigira kure. Shetani rero irinyegeza kenshi igahesha iyo yumvise umuntu aninahaje Imana Allah, igasubira kumusugereza n'umunezero iyo aretse kuninahaza Imana Allah.

ALLADHII YUWAS-WISU FII SWUDUURI NNAASI: Irosha ikararika umuntu gukora ibibi n'ivyaha. Ijambo "YUWAS-WISU" risigura gutera amazinda hakoreshejwe amajambo ashikira umutima ata jwi ryumvikanye.

MINA L-JINNATI WANNAASI: Ikomoka mu majini n'abantu.

Wumvise uko shetani ikomoka mu majini ibigenza. Nayo shetani ikomoka mu bantu, itera amazinda mu mutima mu buryo bwo guhanura ikwereka impuhwe kugira ngo uyumvire uheze uyikurikire.

### IV.8.5. Insobanuro muri rusangi

Kw'izina ry'Imana Allah Nyenimpuhwe Nyenimbabazi.

Imana Allah Ivuga Iti: "Vuga uti: "Ndikinze ku Mubungabunzi w'abantu bose. Umwami n'Umugabe w'abantu, Imana Nyene gusengwa n'abantu, Inkingire inabi y'uwutera amazinda kenshi, yinyegeza (iyo agamiwe), atera amazinda mu mitima y'abantu (akabatuma gukora ibibi no kureka ibitegetswe), akomoka mu bwoko bw'Amajini canke Abantu"".

### IV.8.6. Inyungu zirimwo

1) Guhungira ku Mana Allah usaba ko Yogukingira shetani n'abafasha bayo.
2) Kuninahaza Imana Allah mu buryo bukwiranye n'icubahiro cayo, ukoresheje amatazirano yo guhayagiza no guhabwa icubahiro imbere yuko uyisaba.
3) Uwikinze ku Mana Allah vy'ukuri Iramukingira.

## V. INSOBANURO YA ZIMWE MURI AYAH ZA QOR'ANI ZIGISHA ABEMERAMANA KUGIRA INYIFATO ZIBEREYE

### V.1. Insobanuro ya Ayah y' 177 mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara)

Imana Allah Iravuga Iti:

۞ لَّيْسَ ٱلْبِرَّ أَن تُوَلُّوا۟ وُجُوهَكُمْ قِبَلَ ٱلْمَشْرِقِ وَٱلْمَغْرِبِ وَلَٰكِنَّ ٱلْبِرَّ مَنْ ءَامَنَ
بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْءَاخِرِ وَٱلْمَلَٰٓئِكَةِ وَٱلْكِتَٰبِ وَٱلنَّبِيِّۦنَ وَءَاتَى ٱلْمَالَ عَلَىٰ حُبِّهِۦ ذَوِى
ٱلْقُرْبَىٰ وَٱلْيَتَٰمَىٰ وَٱلْمَسَٰكِينَ وَٱبْنَ ٱلسَّبِيلِ وَٱلسَّآئِلِينَ وَفِى ٱلرِّقَابِ وَأَقَامَ ٱلصَّلَوٰةَ
وَءَاتَى ٱلزَّكَوٰةَ وَٱلْمُوفُونَ بِعَهْدِهِمْ إِذَا عَٰهَدُوا۟ ۖ وَٱلصَّٰبِرِينَ فِى ٱلْبَأْسَآءِ وَٱلضَّرَّآءِ
وَحِينَ ٱلْبَأْسِ ۗ أُو۟لَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ صَدَقُوا۟ ۖ وَأُو۟لَٰٓئِكَ هُمُ ٱلْمُتَّقُونَ ﴿١٧٧﴾

#### V.1.1. Ibirimwo

Iyi Ayah iradondagura vyinshi mu nyifato z'imvugakuri n'ibitari bike mu bikorwa vyiza bisabwa.

#### V.1.2. Ivyavuzwe ku vyatumye ihishurwa

Ibnu Kathiiri (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Imana Allah Imaze gutegeka abemeramana gutumbera amaja Bayti Al-Maqdisi (umusigiti uri muri Palestina) hanyuma Ikabategeka gutumbera amaja Al-Ka'ba i Makka, vyararemereye bamwe mu bahawe Igitabu na bamwe mu bislamu. Ni ho Imana Allah Yabasobanurira igituma, ko ari ukuyumvira no gushira mu ngiro amabwirizwa yayo. Kwubahiriza ivyo rero, ni vyo birimwo ivyiza kuruta, kuko vyerekana ugutinya n'ukugamburukira Imana Allah no kwemera gukwiye. Ivyo ni vyo birimwo ivyiza kuruta. Si ugutumbera gusa amaja mu buseruko canke mu burengero, mu gihe vyoba bitisunze ibwirizwa ry'Imana Allah".

#### V.1.3. Insorongoro y'amajambo

AL-BIRR: Risigura ivyiza vyose bibaho. Ni ukuvuga ugutumbera gusa mu buseruko canke mu burengero si co ciza nyamukuru gisabwa abantu.

WALAAKINNA L-BIRRA: Ariko ivyiza musabwa gukora na canecane;

AAMANA BILLAAHI: Ni ukwemera ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah, Yikwije Itagira akanenge.

WAL-YAWMI L-AAKHIR: N'ukwemera umusi w'umuhero w'isi n'ibishikira umuntu amaze kwitaba Uhoraho mu vyo twabwiwe n'Imana n'Intumwa yayo. Uwo musi w'izuka ry'ibiremwa YAWMU L-QIYAAMA wiswe YAWMU L-AAKHIR kuko ari wo musi wa nyuma uhereza ubuzima bwo kw'isi.

WAL-MALAA-IKAT: N'ukwemera ko abamalayika bariho mu buryo twabwiwe n'Imana Allah muri Qor'ani n'Intumwa yayo mu nyigisho zayo.

WAL-KITAAB: N'ukwemera Igitabu. Ni ijambo rudende risigura Ibitabu vyose vyahawe intumwa z'Imana, gikuru muri vyo kikaba ari Qor'ani, umuntu yemera ivyavuzwemwo vyose, ni co casozereye ibindi Bitabu, ni na co kibiganza.

WANNABIYYIINA: N'ukwemera Abavugishwamana bose barungitswe n'Imana Allah ata n'umwe avuyemwo, guhera ku wa mbere muri bo gushika ku wabasozereye Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

WA AATA L-MAALA AALAA HUBBIHI: Agatanga amatungo yiwe akunda. Uwutanze ku bw'Imana mu vyo akunda vyerekana ko aba yemera Imana vy'ukuri, bikaba kandi ari vyo vyerekana imperezwa (SADAKA) nziza gusumba izindi, nk'uko bivugwa n' Intumwa iti: “Gutanga imperezwa nziza gusumba, ni mu gihe ugikomeye, ukiyikeneye”.

DHI L-QURBAA: Incuti za hafi witwararika, ukababazwa n'ivyago bizishikiye, ukanezerezwa n'ivyiza zironse. Abo ni bo usabwa kugirira neza ubwa mbere kurusha abandi.

WAL-YATAAMAA: Impfuvyi ata co zimariye, zitagira gifasha.

WAL-MASAAKIIN: Abakene ba ntahonikora.

WABNU SSABIIL: Uwuri ku rugendo yakehaniwe n'uburyo.

WASSAA-ILIIN: Abasaba imfashanyo kugira ngo bikure umwenda canke ikori bananiwe kuriha.

WAFI RRIQAAB: Guha abagurano ubwigenge, kubohoza abagizwe imbohe mu ndwano canke mw'ibohero n'ibindi.

WA-AQAAMA SSWALAATA WA-AATA ZZAKAATA: Agatsimbataza amasengesho akongera agatanga ishikanwa-bwirizwa. Ni ibintu bibiri bihambaye cane, vyerekana neza ko uwabikoze ari ku rugero rwo kwemera gukwiye.

WAL-MUUFUUNA BI'AH-DIHIM: AL'AH-DU risigura ibwirizwa ry'Imana canke ico umuntu yiyemeje (isezerano). Bisigura ko bubahiriza ivyo basezeranye; mu gushira mu ngiro amabwirizwa y'Imana Allah, mu gushitsa amasezerano no kwubahiriza ivyo biyemeje “NADHIRI”, n'ibindi.

WASSWAABIRIIN: ASSWABRU risigura kwihangana. Kikaba ari ikintu giharurwa mu rwego rwo hejuru cane mu nyifato zisabwa n'idini. Ni ukurya umutima amenyo. Bihanganira ingorane, amagorwa n'ivyago bibashikira.

WADWARRAA-I: Indwara uko iri kwose.

WAHIINA L-BA-SI: Mu gihe c'indwano yo kurwanira Imana Allah.

ULAA-IKA LLADHIINA SWADAQUU WA-ULAA-IKA HUMU L-MUTTAQUUN: Abarangwa n'izo nyifato twadondaguye, ni bo mvugakuri bemeye vy'ukuri, bagamburukira Imana Allah mu gushira mu ngiro ivyo Ibategeka, bagatinya ibihano vyayo mu gihe bokora ivyaha.

### V.1.4. Insobanuro muri rusangi

Iyi Ayah ihambaye, idondagura inyifato z'abemeramana, kuko ibintu vyadondaguwe vyose muri iyo Ayah biri mu rwego rw'ibikorwa vyo kwiyegereza Imana Allah. Uwushoboye kubishira mu ngiro arororoherwa cane n'ugushira mu ngiro ibisigaye bitari ivyo. Ehe raba na we ukwubahiriza isezerano birakenewe muri vyose usabwa mw'idini.

Kubera ivyo rero, uwushoboye kurangwa n'izi nyifato, aja mu rutonde rw'aberanda, imvugakuri batinya bakagamburukira Imana, batsindiye indishi nyinshi kw'isi n'ejo ku musi w'umuhero.

### V.1.5. Inyungu zirimwo

1) Ikibanza gihambaye c'inkingi z'ukwemera mw'idini.
2) Amabwirizwa yo gutanga mu nzira y'Imana Allah.
3) Kwitaho no gufasha incuti mu muryango bishirwa imbere kurusha gufasha murundi.
4) Uruhara rudasanzwe rw'isengesho n'ishikanwa-bwirizwa mw'idini.
5) Uruhara rudasanzwe rwo kwihangana.
6) Uwurangwa n'izi nyifato aharurwa mu beranda.

### V.2. Insobanuro ya Ayah y' 195 mu gisomwa c'Inka (Al-Baqara)

Imana Allah Ivuga Iti:

وَأَنفِقُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَلَا تُلۡقُواْ بِأَيۡدِيكُمۡ إِلَى ٱلتَّهۡلُكَةِ وَأَحۡسِنُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ يُحِبُّ ٱلۡمُحۡسِنِينَ ١٩٥

#### V.2.1. Ibirimwo

Muri iyi Ayah, Imana Allah Itegeka gutanga mu nzira yayo, na canecane mu kurwanira idini ryayo, Ikakwereka ko kureka gutanga bigira ingaruka mbi ku bemeramana, bigahonya abantu.

#### V.2.2. Icatumye ihishurwa

Nk'uko vyavuzwe na Ibnu Kathiiri (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) mu vyakiriwe na Aslamu mwene Imrani yavuze ati: “Hari umugabo mu bimukira (Muhajiriina) yajanywe ku rugamba Istanbuul guhangana n'umwansi ahwererayo. Twari kumwe na Abu Ayubu Al-Answariy abantu baca bavuga bati: “Yagiye kwiyahura!”. Abu Ayubu aca avuga ati: “Ndi mu bazi neza iyi Ayah, yahishuwe mu bitwega twebwe, twagendanye n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), tukajana mu ndwano zitari nke, turamurwanako. Ubwislamu bumaze gutsinda bugakwiragira, twariherereye twebwe abasangwa (Answari) mu kanama tuvuga duti: “Imana Yarahejeje kudutera iteka ryo kugendana no gutabara Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) gushika aho ubwislamu bukwiragira, n’abislamu bakaba benshi. Twaramwitayeho bikwiye kurusha uko twitayeho ivyacu: imiryango, abana (n’amatungo). Mu vy'ukuri ubu indwano yarahagaze. Kubera ivyo rero turakwiye gusubira guturura mu miryango n'abana. Ni ho Imana Yaca Imanura (WA ANFIQUU FII SABIILI LLAAHI WALAA TUL-QUU BI-AYDIIKUM ILA TTAH-LUKAT). Uguhona n’ukwiyahura rero, ni uguturura mu muryango n'abana, kureka gutanga no guharanira idini ry'Imana Allah””.

#### V.2.3. Insorongoro y'amajambo

ANFIQUU: Nimutange amatungo yanyu mu nzira ibashikana ku Mana Allah; inzira zose zigana ibikorwa vyiza.

SABIILI LLAAHI: Inzira zigushikana ku Mana Allah, na zo ni nyinshi. Iyihambaye muri zo ni ukurwanira Imana (jihaadi).

TULQUU: Gukora ico cose cotuma mwiyahura mugahona; kureka ivyo mwategetswe, gukora ivyo mwabujijwe canke gukora ibisinzikaza bigahonya abantu.

ATTAH-LUKAT: Guhona, kwiyahura.

AH-SINUU: Iri rivuga rivuye mw'ijambo AL-IH-SAAN risigura ubugwaneza. Ni co kintu kiri kw'isonga ry'ibikorwa bikundwa n'Imana. Ubugwaneza busabwa mu bintu vyose; mu matungo, mu butegetsi, mu gusenga n'ibindi bikorwa vyiza bisabwa. Ubugwaneza rero, ni ugusenga Imana nk'aho woba uyibona imbere yawe. Ni waba utayibona imbonankubone, Yoyo Irakubona.

**V.2.4. Inyungu zirimwo**

1) Ni ngombwa gutanga mu nzira y'Imana Allah.
2) Kirazira ko umuntu yokwiyahura canke agakora ibimugirira ingaruka mbi.
3) Kugendera ubugwaneza mu bintu vyose.
4) Kugaragaza ko ukunda Imana Allah.

## V.3. Insobanuro ya Ayah ya 58 mu gisomwa c'Abakenyezi (An-Nisaa-i)

Imana Allah Iravuga Iti:

۞إِنَّ ٱللَّهَ يَأۡمُرُكُمۡ أَن تُؤَدُّواْ ٱلۡأَمَٰنَٰتِ إِلَىٰٓ أَهۡلِهَا وَإِذَا حَكَمۡتُم بَيۡنَ ٱلنَّاسِ أَن
تَحۡكُمُواْ بِٱلۡعَدۡلِۚ إِنَّ ٱللَّهَ نِعِمَّا يَعِظُكُم بِهِۦٓۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ سَمِيعَۢا بَصِيرٗا ٥٨

### V.3.1. Ibirimwo

Imana Allah Itegeka ko mu gihe uhawe imbitso wozisubiza bene zo. Gufata ingingo mu gutunganiriza abantu wisunze ubutungane, kuko Imana Allah Irumva ivyo tuvuga, Irabona ivyo dukora, nta kinyegezwa imbere y'Imana.

### V.3.2. Icatumye ihishurwa

Nk'uko vyavuzwe na Ibnu Kathiiri (nyakugira impuhwe z'imana Allah) mu vyakiriwe na Safiya umukobwa wa Shaybah yavuze ati: “Mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), abantu bamaze gutekanirwa yaragiye i Makka, ija mu ngoro y'Imana irakikura Al-Ka'ba iri ku ndogobwe incuro indwi. Igeze ku mfuruka (Rukni: aho umuntu ahera mu gutangura gukikura) yaramukije ikoresheje agakoni kari mu ntoke zayo. Ihejeje gukikura, ica ihamagara Uthmani mwene Twalha imwaka urufunguruzo rwa Al-Ka'ba, aho abantu bari bayikikije mu musigiti w'i Makka. Ibnu Is-haaki (umuhinga mu vyerekeye amateka y'Intumwa) yavuze ati: “Bamwe mu bamenyi baranyiganiye ko Intumwa y'Imana Allah (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahagaze ku muryango wa Al-Ka'ba iraheza ivuga iti: “Nta mana ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Yonyene Itabangikanywa, isezerano ryayo ni ukuri. Yaratabaye umuja wayo, Itsinda Yo Yonyene imigwi y'ababisha, nimwumve mutegere! Uwoba afise ico yari ajejwe, yarazwe, icotuma yihora kuko yiciwe canke yambuwe, kuri uno musi vyose ndabihagaritse, ndabishize musi y'ibirenge vyanje, kiretse guhagarikira iyi ngoro y'Imana no kunywesha abaje bayigana””. Yarabandanije iryo jambo ryashikirijwe n'Intumwa kuri uwo musi gushika aho avuga ati: “Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ihejeje, yaciye yicara mu musigiti.

Ali mwene Abu Twaalib aca ayisanga aho yicaye afise mu minwe imfunguruzo za Al-Ka'ba, amubwira ati: “Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)! Tumako abajejwe gucungera Al-Ka'ba n'abanywesha abaje bayigana”. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica ivuga iti: “Ari hehe Uthmani mwene Twalha?”. Baraheza baramuhamagara. Ica imubwira iti: “Uthmani! Akira imfunguruzo zawe, uyu musi ni umusi wo kwubahiriza isezerano no gukora iciza.””
Ibnu Kathiiri (nyakugira impuhwe z'Imana) yariganye ido n'ido uko vyagenze yisunze ababimushikirije batandukanye. Hanyuma aca arabunganira ati: “Ibi ni mu bizwi ko iyi Ayah yahishuwe kuri iyo mvo. Uko biri kwose, yaba yahishuwe kuri iyo mvo canke ku yindi mvo, igikuru ni uko inyigisho zayo zifata bose muri rusangi”.

Ni na co gituma Ibnu Abasi na Muhamadi Ibnu Al-Hanafiyya bavuze bati: “Iyo Ayah yigisha bose, umweranda n'umubisha”.

**V.3.3. Insorongoro y'amajambo**

INNA LLAAHA YA-AMURUKUM AN TU-ADDU L-AMAANAATI ILAA AH-LIHAA.

AL-AMAANAAT: Ni ikintu cose umuntu abikijwe (imbitso), agategekwa kugihagararira. Imana Allah Yategetse gusubiza imbitso kwa bene zo.

Ivyo bikaba vyubahirizwa ku mbitso zose umuntu ahawe. Aha twovuga ivyo yategetswe n'Imana Allah; nk'amasengesho, ishikanwa-bwirizwa, kwipfunga, ivyuhagizo (KAFFARAT), ukwiyemeza ibikorwa (NADH-R), n'ibindi. Ivyerekeye na vyo agateka kubahirizwa hagati y'abantu nk'imbitso n'ibindi, ivyo Imana Allah Yategetse ko vyosubizwa kwa bene vyo. Uwutazobikora akiri kw'isi, azotegekwa kubisubiza ku musi w'umuhero.

WA-IDHAA HAKAMTUM BAYNA NNAASI AN TAH-KUMUU BIL'ADLI: Ni itegeko rivuye ku Mana ritegeka abantu gutunganiriza abantu ata nkunzi. Ubutungane bwisungwa ni ukwubahiriza amategeko y'Imana Allah Yadushikirije Ibicishije ku Ntumwa yayo, amategeko mpanavyaha n'amategeko atunganya ingo n'imiryango, ubwo ni bwo butungane butegetswe.

INNA LLAAHA NI'IMMAA YA'IDHWUKUM BIHI: Aha Imana Ihayagiza amabwirizwa yayo, kuko kuyagendera harimwo ivyiza bisa n'agakiza ku biremwa kw'isi no mw'ijuru. Burya Imana ni Yo Izi ibifitiye akamaro ibiremwa vyose.

INNA LLAAHA KAANA SAMII'AN BASWIIRAN: Imana Allah Irumva ivyo muvuga, Irabona ivyo mukora.

**V.3.4. Inyungu zirimwo**

1) Ni ngombwa gusubiza imbitso kwa bene zo.
2) Ni ngombwa gutunganiriza abantu ata ho wegamiye.
3) Ukuroranirwa ng'aha kw'isi no mw'ijuru biri mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah.
4) Iyemeza yuko Imana Allah Yumva kandi Ibona mu buryo bukwiranye n'icubahiro cayo.

### V.4. Insobanuro ya Ayah y' 119 mu gisomwa c'Ukwigaya (Al-Tawba)

Imana Allah Iravuga Iti:

يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ ٱتَّقُوا۟ ٱللَّهَ وَكُونُوا۟ مَعَ ٱلصَّـٰدِقِينَ ﴿١١٩﴾

#### V.4.1. Ibirimwo

Muri iki gisomwa c'Ukwigaya, Imana Allah Yaratwiganiye inkuru y'abantu batatu basivye kuja mu ndwano ya Tabuuki, ukuntu bagiwe n'isi bakabura uko babigenza, kuko bari bahariwe ivomo n'abantu bose, baba nk'ibicibwa mu bandi. Ico gihe, nta cabakuye muri ivyo vyago kiretse ukwemera kwabo gukwiye. Kubera ivyo rero, Imana Yaciye Isozera iyo nkuru Itegeka abemeramana kuba imvugakuri.

#### V.4.2. Icatumye ihishurwa

Iyi Ayah, yahishuwe inyuma y'iyo nkuru y'abantu batatu: Ka'bu mwene Maaliki, Hilaali mwene Umayya na Marara mwene Al-Rabi'u. Iyo nkuru yarasiguwe neza mu bitabu vya Al-Bukhariy na Muslimu aho bavuga bati: "…Imana ni ho Yahishura izi Ayah: "LAQAD TAABA LLAHU" gushika kuri "WAKUUNUU MA'A SSWAADIQIINA"".

Ka'bu mwene Maliki avuga ati: "Ndarahiye kw'izina ry'Imana Allah! Nta nema ihambaye nahawe n'Imana inyuma y'ukuba umwislamu, yoza iruta ibwirwa ryanje ry'inkuru n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) kuri uwo musi".

#### V.4.3. Insorongoro y'amajambo

YAA AYYUHA LLADHIINA AAMANUU: Imana Allah Ihamagarira abemeramana gushira mu ngiro ivyo bategetswe.

ITTAQU LLAAHA: Nimushire mu ngiro ivyo mutegekwa mureke gukora ivyo mubuzwa, gutyo bibabere inkinzo ibakingira ibihano vy'Imana.

ASSWAADIQIINA: Imvugakuri. Muvuge ibihuye n'ukuri, mugire inyifato ihuye n'akari ku mutima, muvuge ibihuye n'ivyo mukora.

Muri iyi Ayah, Imana Allah Itegeka abislamu kugira inyifato yisunga ukuri, imwe mu nyifato ziranga Intumwa z'Imana n'abemeramana vy'ukuri. Kugendera ukuri bituma umuntu agira amaherezo meza kw'isi no mw'ijuru. Ingendanyi zitatu zasivye ku rugamba rwa Tabuuki zahakuwe n'ukuvugisha ukuri mu kwisigura ku catumye zisiba, kandi amaherezo yazo yabaye meza, kuko ukuvugisha ukuri biganisha ku vyiza; ivyiza na vyo biganisha mu Bwami bw'ijuru. Umuntu, mu gihe cose yitwararitse ukuri mu vyo avuga no mu vyo akora, ashirwa ku rutonde rw'imvugakuri ku Mana Allah.

### V.4.4. Inyungu zirimwo

1) Ukwemera nya kwemera gutuma umuntu yubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah.
2) Akamaro ko gutinya no kugamburukira Imana mu buzima bw'umwislamu.
3) Akamaro n'inyungu z'ukugendera ukuri.
4) Ukugendera ukuri ni kimwe mu nyifato nziza z'abemeramana.
5) Amaherezo meza ni ay'imvugakuri.

### V.5. Insobanuro ya Ayah za 23 - 24 mu gisomwa c'Ingabo ziyunze (Al-Ahzaab)

Imana Allah Iravuga Iti:

مِّنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ رِجَالٞ صَدَقُواْ مَا عَٰهَدُواْ ٱللَّهَ عَلَيۡهِۖ فَمِنۡهُم مَّن قَضَىٰ نَحۡبَهُۥ وَمِنۡهُم
مَّن يَنتَظِرُۖ وَمَا بَدَّلُواْ تَبۡدِيلٗا ٢٣ لِّيَجۡزِيَ ٱللَّهُ ٱلصَّٰدِقِينَ بِصِدۡقِهِمۡ وَيُعَذِّبَ
ٱلۡمُنَٰفِقِينَ إِن شَآءَ أَوۡ يَتُوبَ عَلَيۡهِمۡۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ غَفُورٗا رَّحِيمٗا ٢٤

#### V.5.1. Ibirimwo

Mu gisomwa c'Ingabo ziyunze (Al-Ahzaab) haravugwa inkuru y'indyarya, ukuntu zadohotse kw'isezerano zahaye Imana Allah ko zitazogenza umugongo mu rugamba. Nk'uko Imana Ibivuga Iti: "Mu vy'ukuri zari zasezeranye n'Imana Allah imbere y'aho ko zitazogenza umugongo" (Al-Ahzaab: 15). Ni co gituma hakurikiye inkuru y'abemeramana n'inyifato ibaranga ko ari ukugendera isezerano bahaye Imana Allah, bakaryumako vy'ukuri.

#### V.5.2. Icatumye zihishurwa

Nk'uko vyashikirijwe na Ahmadi, Muslimu n'abandi mu vyakiriwe na Sulaimani mwene Al-Mughiira yavyumvise kwa Thabiti yavuze ati: "Anasi yavuze ati: "Datawacu Anasi mwene Al-Nadwri (Imana Allah Imwishimire) ari na we niswe izina ryiwe, ntiyajanye n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku rugamba rwa Badri. Vyaramubabaje aca avuga ati: "Urugamba rwa mbere igiyeko rwancitse (ndarusivye)! Imana Iramutse Inshikanye ku rundi rugamba rukurikira hamwe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), Imana Izobona ico nzokora"". Anasi arabandanya ati: "Nta kindi (kirenze ivyo) yubahutse kuvuga. Urugamba rwa Uhudi rugeze, yarajanye n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), araheza ahura na Sa'di mwene Mu'aadhi (Imana Allah Imwishimire), maze amubaza ati: "Ewe muvyeyi wa Amuri ! Akamoto k'Ubwami bw'ijuru kumvikanira hehe! Mu vy'ukuri jewe ndakumvira mu kabande ka Uhudi"". Anasi arabandanya ati: "Yararwanye biracika kugera aho yicwa (Imana Allah Imwishimire). Urugamba ruheze, basanze ku mubiri wiwe inguma z'imipanga, inkota

n'imyampi zirenga mirongo umunani, gushika aho mushikiwe ari we senge Al-Rabii'a umukobwa wa Al-Nadwri avuga ati: "Sinashoboye kumenya musazanje kiretse ku ntoke ziwe"". Anasi ati: "Ni ho rero hahishurwa iyi Ayah: "Mu bemeramana harimwo abagabo bavuze ukuri mu vyo basezeranye n'Imana Allah, muri bo hari abamaze kwitaba Imana, hari n'abandi bakidundega, eka ntibadohotse kw'ijambo"" (Al-Ahzaab: 23).

### V.5.3. Insorongoro y'amajambo

MINA L-MU-UMINIINA RIJAALUN SWADAQUU MAA AAHADU LLAAHA ALAYHI: Mu bemeramana, harimwo abagabo b'imvugakuri bashitsa ivyo basezeranye n'Imana Allah, bagaheza bakitanga.

FAMIN-HUM MAN QADWAA NAH-BAHU: Muri bo, hari abarwaniye Imana gushika baricwa batadohotse kw'isezerano. Al-Bukhariy yavuze ati: "Ntibadohotse kw'isezerano ry'Imana, ntibarigabanijeko kandi ntibarihinduye".

WAMIN-HUM MAN YANTADHWIRU: Harimwo n'abakirindiriye gukwiza iryo sezerano. Mujaahidi yavuze ati: "Harimwo n'abakirindiriye umusi w'urugamba ngo barurwane vy'ukuri". Al-Hasani yavuze ati: "Harimwo n'abakirindiriye kwicwa batadohotse kw'isezerano". Hari n'abandi bamenyi basiguye ijambo "NAH-BAHU" ko ari ivyo biyemeje "NADH-RI".

WAMAA BADDALUU TAB-DIILA: Ntibahinduye isezerano ngo bahemuke, ahubwo bashishikaye gukora ivyo biyemeje, ntibahemutse nk'indyarya. Ibnu Sa'di (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Abo ni bo bagabo vy'ukuri, nayo abandi ni abagaboniryo".

LIYAJ-ZIYA LLAAHU SSWAADIQIINA BISWID-QIHIM: Kugira ngo Imana Allah Ibahembe kubera ukuri kubaranga mu mvugo no mu ngiro no kwihatira kwubahiriza ivyo basezeranye n'Imana Allah.

WAYU'ADDHIBA L-MUNAAFIQIINA: Yongere Ihane indyarya zisubiyeko mu vyo zasezeranye n'Imana Allah zikarenga amabwirizwa yayo.

INNA LLAAHA KAANA GHAFUURAN RRAHIIMAN: Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Yo Nyenimbabazi-ntangere ku vyaha vy'abantu uko bingana kwose, mu gihe bihanye bakigaya bakagaruka kuri Yo, ni na Yo Nyenimbabazi ku batoni bayo.

### V.5.4. Insobanuro muri rusangi

Mu bemeramana harimwo abagabo b'imvugakuri bashira mu ngiro ivyo basezeranye n'Imana n'Intumwa yayo ko batazodohoka ku rugamba. Muri bo, hari abarwaniye Imana gushika gupfa batadohotse kw'isezerano, hakaba n'abandi bakirindiriye gushitsa iryo sezerano ku musi w'urugamba batadohotse ku vyo biyemeje. Ntibivuguruje na gato kw'isezerano ngo bahemuke. Kugira ngo Imana Ihembe imvugakuri kubera ukuri kwaziranze mu mvugo no mu ngiro, Yongere niyabishaka, Ihane indyarya nizitisubirako canke Izibabarire nizagaruka zikigaya ku Mana Allah. Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Yo Nyenimbabazi-ntangere, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

### V.5.5. Inyungu zirimwo

1) Kwerekana akamaro ko kuvuga ukuri n'icubahiro bihabwa mw'idini.
2) Ni ngombwa gushitsa isezerano umuntu yiyemeje.
3) Icubahiro nta ngere c'uwitavye Imana Allah ari imvugakuri.
4) Umuntu azoronka indishi ihuye n'ivyo yakora.
5) Kugendera inyifato n'ingeso nziza, ni mu biranga abagabo vy'ukuri.
6) Imana Allah ntihanira ibiremwa ivyo Izi kuri vyo gushika bibishize mu ngiro.
7) Imana Allah Irakira abigaya Ikababababarira.

### V.6. Insobanuro ya Ayah za 72-73 mu gisomwa c'Ingabo ziyunze (Al-Ahzaab)

Imana Allah Iravuga Iti:

إِنَّا عَرَضْنَا ٱلْأَمَانَةَ عَلَى ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلْأَرْضِ وَٱلْجِبَالِ فَأَبَيْنَ أَن يَحْمِلْنَهَا وَأَشْفَقْنَ
مِنْهَا وَحَمَلَهَا ٱلْإِنسَٰنُ إِنَّهُۥ كَانَ ظَلُومًا جَهُولًا ﴿٧٢﴾ لِّيُعَذِّبَ ٱللَّهُ ٱلْمُنَٰفِقِينَ
وَٱلْمُنَٰفِقَٰتِ وَٱلْمُشْرِكِينَ وَٱلْمُشْرِكَٰتِ وَيَتُوبَ ٱللَّهُ عَلَى ٱلْمُؤْمِنِينَ وَٱلْمُؤْمِنَٰتِ
وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورًا رَّحِيمًا ﴿٧٣﴾

**V.6.1. Ibirimwo**

Izi Ayah zitegeka abantu kwubahiriza amabwirizwa yose y'idini ry'Imana Allah.

**V.6.2. Insorogoro y'amajambo**

ARADW-NAA: Twebwe Allah Twabwiye ijuru, imisozi n'isi Duti: "Nimufate isezerano ryanje, Jewe Allah. Nimwubahiriza amabwirizwa yanje Nzobahemba, nimwadohoka kw'isezerano Nzobahana". Vyaratinye kwemanga iryo sezerano kubera uburemere bwaryo.

AL-AMAANAT: Risigura ibisabwa vyose mw'idini mu mabwirizwa, ni ryo sezerano ry'Imana Allah.

FA-ABAYNA AN YAH-MILNAHAA: Vyaranse kwemanga isezerano ku gutinya kudashobora kuryubahiriza, bitavuye ku kugarariza nka shetani.

WA-ASH-FAQ-NA: Vyaratinye guhemuka mu gihe bitoshira mu ngiro iryo sezerano.

WAHAMALAHA L-INSAANU: Iryo sezerano kiremwa-muntu (Adamu n'uruvyaro rwiwe) yaremeye araryiremeka.

DHWALUUMAN: Uwirenganya. "DHWULM", ni ugushira ikintu aho kitagenewe.

JAHUULAN: Uwudatahura uburemere n'inkurikizi zo kwemera iryo sezerano (ikigugu).

AL-MUNAAFIQIINA: Indyarya. Uburyarya ni ukunyegeza mu mutima ubuhakanyi n'ibangikanyamana, ukerekana ukwemera ku gutinya igitsure.

WAL-MUSH-RIKIINA: Abahakana ko ata Mana Imwe Rudende Ibaho, bakayibangikanya n'ibiremwa.

WAYATUUBA LLAAHU: Ijambo "YATUUBU" riva mu rivuga "TAWBAT". Iri, iyo rikoreshejwe ku muntu, risigura kuva mu vyaha akagaruka ku Mana, akayumvira (kwihana ivyaha). Iyo na ho rikoreshejwe ku Mana, risigura kwakirana impuhwe n'imbabazi uwigaye akihana (kubabarira).

GHAFUURAN RAHIIMAN: Imana Allah ni Yo Nyenimbabazi-ntangere ku vyaha vy'abantu uko bingana kwose mu gihe bihanye bakagaruka kuri Yo. Ni na Yo Nyenimbabazi ku batoni bayo. Ijambo "MAGH-FIRAT", risigura guhisha no kwirengagiza ivyakozwe n'ibiremwa.

Ayo mabwirizwa yahawe ijuru, isi n'imisozi bikanka kuyiremeka ku gutinya kunanirwa kuyashira mu ngiro, hanyuma kiremwa-muntu kikemera kuyiremeka bivuye ku kudatahura ingaruka n'inkurikizi zikirindiriye, kuko nicayubahiriza kizohabwa indishi zibereye, nicayadohokako na ho kizohanwa.

### V.6.3. Insobanuro muri rusangi

Mu vy'ukuri Twebwe (Allah) Twarahaye isezerano ijuru, isi n'imisozi biraheza biranka kuryiremeka, biraritinya, maze kiremwa-muntu (Adamu n'Amajini) kiraryemera kiraryiremeka. Mu vy'ukuri carirenganije, nticari kizi inkurikizi zikirindiriye. Imana Allah Yabigize kugira ngo Ihane indyarya n'ababangikanyamana mu bagabo n'abagore, Yongere Igirire imbabazi abemeramana mu bagabo n'abagore. Imana Allah ni Yo Nyenimbabazi-ntangere ku vyaha vy'abantu uko bingana kwose mu gihe bihanye bakagaruka kuri Yo. Ni Nyenimbabazi ku batoni bayo.

### V.6.4. Inyungu zirimwo

1) Ukwubahiriza n'uguhagararira amabwirizwa y'idini birahambaye cane.
2) Imana Allah Irangwa n'imbabazi nyinshi n'impuhwe nta ngere.
3) Abantu mu gushira mu ngiro amabwirizwa y'Imana bari mu migwi itatu:
   a) Abayubahiriza mu mvugo no mu ngiro, abo ni bo bemeramana koko.
   b) Abayubahiriza mu kwiyerekana mu vyo abantu babona, bakiyorobeka ku mutima, abo ni indyarya.
   c) Abahemutse kw'ibanga babihakana mu mvugo no mu ngiro, ku mugaragaro no mu mpisho, abo ni ababangikanyamana.
4) Ivyo biremwa (ijuru, isi n'imisozi) vyaranse kwemanga no kwemera isezerano biturutse ku gutinya kutaryubahiriza, kuko Imana Allah Yabihaye iryo sezerano mu buryo bwo kubihitishamwo ico vyemanga hagati y'ukwemera no kwanka. Ntiryari itegeko.

## V.7. Insobanuro ya Ayah za 15-19 mu gisomwa c'Igihuhusi (Ad-Dhaariyaat)

Imana Allah Iravuga Iti:

إِنَّ ٱلْمُتَّقِينَ فِي جَنَّٰتٍ وَعُيُونٍ ﴿١٥﴾ ءَاخِذِينَ مَآ ءَاتَىٰهُمْ رَبُّهُمْ ۚ إِنَّهُمْ كَانُوا۟ قَبْلَ ذَٰلِكَ
مُحْسِنِينَ ﴿١٦﴾ كَانُوا۟ قَلِيلًا مِّنَ ٱلَّيْلِ مَا يَهْجَعُونَ ﴿١٧﴾ وَبِٱلْأَسْحَارِ هُمْ يَسْتَغْفِرُونَ ﴿١٨﴾
وَفِىٓ أَمْوَٰلِهِمْ حَقٌّ لِّلسَّآئِلِ وَٱلْمَحْرُومِ ﴿١٩﴾

### V.7.1. Ibirimwo

Izi Ayah zerekana impembo z'abemera Imana Allah n'intumwa zayo, bagatako bagatinya ibihano vy'Imana bakareka ivyaha, bakayigamburukira mu gushira mu ngiro ivyo Ibategeka.

### V.7.2. Insorongoro y'amajambo

INNA L-MUTTAQIINA: Abatinya Imana Allah bakayigamburukira. Irivuga "A-TAQWA", risigura kwikingira ibihano vy'Imana Allah mu gukora ibitegetswe no kureka gukora ibibujijwe. Abo rero barumviye Imana Allah mu gukurikiza ibisabwa.

JANNAATIN WA'UYUUN: Imirima irimwo ubwoko bwose bw'ibiti, ivyamwa n'amariba y'amazi adakama bazonywamwo bakanavomeza imirima.

AAKHIDHIINA: Bakirana urweze ivyo bahawe n'Imana Yabo Rurema.

INNAHUM KAANUU QAB-LA DHAALIKA MUH-SINIINA: Bakiri kw'isi bari abagwaneza, bakora ivyiza bitegetswe barondera gushimisha Imana Yabo Rurema.

MAA YAH-JA'UUNA: Baryama (barihengeka) mw'ijoro, kuko umwanya munini baba bariko barasenga, baninahaza Imana Allah. Irivuga "HUJUU'U", risigura kuryama mw'ijoro.

WABIL-AS-HAARI: Igihe gisozera ijoro umutwenzi utarakika (mu gicugu).

YAS-TAGH-FIRUUNA: Basaba imbabazi Imana Allah ku vyaha bakoze.

LISSAA-ILI: Umukene asaba kuronswa icorirenza.

WAL-MAH-RUUM: N'umukene atubahuka gusaba.

Izi Ayah zerekana impera yagenewe abatinya bakagamburukira Imana Allah ku vyiza bakoze kw'isi: ubugwaneza, gusenga no kuninahaza Imana Allah mw'ijoro igihe ata wubabona kiretse Iyabaremye gusa, canecane mu gicugu aho Imana Allah Imanuka mw'ijuru ryegereye isi, Ikararika ibiremwa Iti: "Mbega hoba hari uwusaba imbabazi ngo Ndamubabarire!". Muri ico gihe, baraheza bagatarika ibiganza basaba batakambira Imana Allah nk'uko boba bayibona imbonankubone. Nta nkeka ko Imana Yoyo Iba Ibabona ukuntu bayitakambira bagatako bagafasha abakene.

### V.7.3. Inyungu zirimwo

1) Impembo z'umurengera zategekanirijwe abatinya bakagamburukira Imana.
2) Indishi ibereye ijanye n'ivyiza bibereye.
3) Akamaro, guhimirizwa gusenga no kuninahaza Imana Allah mu gicugu.
4) Inyungu ziri mu gusaba Imana Allah imbabazi mu gicugu kuko uwo mwanya Imana Allah Iratanga akarusho Igashimagiza abayitakambira Iti: "N'abasaba imbabazi Imana mu gicugu".
5) Itiro ry'uwihatira gusenga mu gicugu ararihemberwa.

## VI. INSOBANURO YA ZIMWE MURI AYAH ZIGISHA KAHISE N'AMATEKA Y'ABERANDA

### VI.1. Insobanuro ya Ayah za 9-26 mu gisomwa c'Isenga ry'ibuye (Al-Kahf)

Imana Allah Iravuga Iti:

أَمْ حَسِبْتَ أَنَّ أَصْحَٰبَ ٱلْكَهْفِ وَٱلرَّقِيمِ كَانُوا۟ مِنْ ءَايَٰتِنَا عَجَبًا ﴿٩﴾ إِذْ أَوَى
ٱلْفِتْيَةُ إِلَى ٱلْكَهْفِ فَقَالُوا۟ رَبَّنَآ ءَاتِنَا مِن لَّدُنكَ رَحْمَةً وَهَيِّئْ لَنَا مِنْ أَمْرِنَا رَشَدًا ﴿١٠﴾
فَضَرَبْنَا عَلَىٰٓ ءَاذَانِهِمْ فِى ٱلْكَهْفِ سِنِينَ عَدَدًا ﴿١١﴾ ثُمَّ بَعَثْنَٰهُمْ لِنَعْلَمَ أَىُّ ٱلْحِزْبَيْنِ
أَحْصَىٰ لِمَا لَبِثُوٓا۟ أَمَدًا ﴿١٢﴾ نَّحْنُ نَقُصُّ عَلَيْكَ نَبَأَهُم بِٱلْحَقِّ ۚ إِنَّهُمْ فِتْيَةٌ ءَامَنُوا۟ بِرَبِّهِمْ
وَزِدْنَٰهُمْ هُدًى ﴿١٣﴾ وَرَبَطْنَا عَلَىٰ قُلُوبِهِمْ إِذْ قَامُوا۟ فَقَالُوا۟ رَبُّنَا رَبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ
وَٱلْأَرْضِ لَن نَّدْعُوَا۟ مِن دُونِهِۦٓ إِلَٰهًا ۖ لَّقَدْ قُلْنَآ إِذًا شَطَطًا ﴿١٤﴾ هَٰٓؤُلَآءِ قَوْمُنَا ٱتَّخَذُوا۟
مِن دُونِهِۦٓ ءَالِهَةً ۖ لَّوْلَا يَأْتُونَ عَلَيْهِم بِسُلْطَٰنٍۭ بَيِّنٍ ۖ فَمَنْ أَظْلَمُ مِمَّنِ ٱفْتَرَىٰ عَلَى
ٱللَّهِ كَذِبًا ﴿١٥﴾ وَإِذِ ٱعْتَزَلْتُمُوهُمْ وَمَا يَعْبُدُونَ إِلَّا ٱللَّهَ فَأْوُۥٓا۟ إِلَى ٱلْكَهْفِ يَنشُرْ
لَكُمْ رَبُّكُم مِّن رَّحْمَتِهِۦ وَيُهَيِّئْ لَكُم مِّنْ أَمْرِكُم مِّرْفَقًا ﴿١٦﴾ ۞ وَتَرَى ٱلشَّمْسَ
إِذَا طَلَعَت تَّزَٰوَرُ عَن كَهْفِهِمْ ذَاتَ ٱلْيَمِينِ وَإِذَا غَرَبَت تَّقْرِضُهُمْ ذَاتَ ٱلشِّمَالِ
وَهُمْ فِى فَجْوَةٍ مِّنْهُ ۚ ذَٰلِكَ مِنْ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ ۗ مَن يَهْدِ ٱللَّهُ فَهُوَ ٱلْمُهْتَدِ ۖ وَمَن يُضْلِلْ
فَلَن تَجِدَ لَهُۥ وَلِيًّا مُّرْشِدًا ﴿١٧﴾ وَتَحْسَبُهُمْ أَيْقَاظًا وَهُمْ رُقُودٌ ۚ وَنُقَلِّبُهُمْ ذَاتَ ٱلْيَمِينِ
وَذَاتَ ٱلشِّمَالِ ۖ وَكَلْبُهُم بَٰسِطٌ ذِرَاعَيْهِ بِٱلْوَصِيدِ ۚ لَوِ ٱطَّلَعْتَ عَلَيْهِمْ لَوَلَّيْتَ مِنْهُمْ
فِرَارًا وَلَمُلِئْتَ مِنْهُمْ رُعْبًا ﴿١٨﴾

وَكَذَٰلِكَ بَعَثۡنَٰهُمۡ لِيَتَسَآءَلُواْ بَيۡنَهُمۡۚ قَالَ قَآئِلٞ مِّنۡهُمۡ كَمۡ لَبِثۡتُمۡۖ قَالُواْ لَبِثۡنَا يَوۡمًا أَوۡ
بَعۡضَ يَوۡمٖۚ قَالُواْ رَبُّكُمۡ أَعۡلَمُ بِمَا لَبِثۡتُمۡ فَٱبۡعَثُوٓاْ أَحَدَكُم بِوَرِقِكُمۡ هَٰذِهِۦٓ إِلَى
ٱلۡمَدِينَةِ فَلۡيَنظُرۡ أَيُّهَآ أَزۡكَىٰ طَعَامٗا فَلۡيَأۡتِكُم بِرِزۡقٖ مِّنۡهُ وَلۡيَتَلَطَّفۡ وَلَا يُشۡعِرَنَّ
بِكُمۡ أَحَدًا ١٩ إِنَّهُمۡ إِن يَظۡهَرُواْ عَلَيۡكُمۡ يَرۡجُمُوكُمۡ أَوۡ يُعِيدُوكُمۡ فِي مِلَّتِهِمۡ وَلَن
تُفۡلِحُوٓاْ إِذًا أَبَدٗا ٢٠ وَكَذَٰلِكَ أَعۡثَرۡنَا عَلَيۡهِمۡ لِيَعۡلَمُوٓاْ أَنَّ وَعۡدَ ٱللَّهِ حَقّٞ وَأَنَّ ٱلسَّاعَةَ
لَا رَيۡبَ فِيهَآ إِذۡ يَتَنَٰزَعُونَ بَيۡنَهُمۡ أَمۡرَهُمۡۖ فَقَالُواْ ٱبۡنُواْ عَلَيۡهِم بُنۡيَٰنٗاۖ رَّبُّهُمۡ أَعۡلَمُ
بِهِمۡۚ قَالَ ٱلَّذِينَ غَلَبُواْ عَلَىٰٓ أَمۡرِهِمۡ لَنَتَّخِذَنَّ عَلَيۡهِم مَّسۡجِدٗا ٢١ سَيَقُولُونَ ثَلَٰثَةٞ
رَّابِعُهُمۡ كَلۡبُهُمۡ وَيَقُولُونَ خَمۡسَةٞ سَادِسُهُمۡ كَلۡبُهُمۡ رَجۡمَۢا بِٱلۡغَيۡبِۖ وَيَقُولُونَ سَبۡعَةٞ
وَثَامِنُهُمۡ كَلۡبُهُمۡۚ قُل رَّبِّيٓ أَعۡلَمُ بِعِدَّتِهِم مَّا يَعۡلَمُهُمۡ إِلَّا قَلِيلٞۗ فَلَا تُمَارِ فِيهِمۡ إِلَّا
مِرَآءٗ ظَٰهِرٗا وَلَا تَسۡتَفۡتِ فِيهِم مِّنۡهُمۡ أَحَدٗا ٢٢ وَلَا تَقُولَنَّ لِشَاْيۡءٍ إِنِّي فَاعِلٞ ذَٰلِكَ
غَدًا ٢٣ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُۚ وَٱذۡكُر رَّبَّكَ إِذَا نَسِيتَ وَقُلۡ عَسَىٰٓ أَن يَهۡدِيَنِ رَبِّي
لِأَقۡرَبَ مِنۡ هَٰذَا رَشَدٗا ٢٤ وَلَبِثُواْ فِي كَهۡفِهِمۡ ثَلَٰثَ مِاْئَةٖ سِنِينَ وَٱزۡدَادُواْ تِسۡعٗا ٢٥
قُلِ ٱللَّهُ أَعۡلَمُ بِمَا لَبِثُواْۖ لَهُۥ غَيۡبُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِۖ أَبۡصِرۡ بِهِۦ وَأَسۡمِعۡۚ مَا لَهُم
مِّن دُونِهِۦ مِن وَلِيّٖ وَلَا يُشۡرِكُ فِي حُكۡمِهِۦٓ أَحَدٗا ٢٦

### VI.1.1. Ivyavuzwe ku catumye zihishurwa

Nk'uko vyakiriwe, Abakurayshi igihe kimwe barungitse abantu babiri ku Bayahudi baba i Madina kugira ngo babābaze ico biyumvira ku butumwa bwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Abayahudi baraheza babishura bati: "Nimubaze Muhamadi ibintu bitatu, niyaramuka avyishuye azoba ari Intumwa vy'ukuri, atavyishuye na ho azoba ari umubeshi, muzoheza murabe ico mumukoza. Nimumubaze ku vyerekeye imisore yahungiye mw'isenga ry'ibuye aho hambere…". Imana Allah Ica Iramanura iki gisomwa.

### VI.1.2. Insorongoro y'amajambo

AL-KAH-FU: Ni ubwinjiriro bwagutse bugana mu musozi (canke mw'ibuye): isenga ry'ibuye.

WARRAQIIM: Ni urubaho rwanditseko amazina n'amateka ya benisenga.

IDH AWA L-FIT-YATU: Igihe imisore yahunga (kugira ngo ikingire ukwemera kwayo).

RASHADA: Gukurikira inzira y'ukuri.

FADWARAB-NAA ALAA AADHAANIHIM: Twarabasinzirije ikiringo kirekire kingana n'imyaka amajana atatu n'icenda (309).

THUMMA BA'ATH-NAAHUM: Hanyuma Turabakangura nk'ukuzuka.

LINA'LAMA AYYU L-HIZBAYNI: Kugira ngo Tumenye hagati y'abatumvikana kuri ico kiringo mu migwi ibiri uwuzi neza ikiringo bamaze mw'isenga ry'ibuye.

NABA-AHUM BIL-HAQQI: Inkuru zabo z'ukuri kutagiramwo amakenga.

WAZID-NAAHUM HUDAA: Twabahaye ukuyoboka kwiyongereye ku kuyoboka bari basanganywe mu kubatsimbataza ku kwemera, gukora ivyiza bitegetswe no kwirengagiza ivy'isi.

WARABATW-NAA ALAA QULUUBIHIM: Twabahaye inkomezi mu kwihangana n'ituze mu mitima.

LAQAD QUL-NAA IDHAN SHATWATWA: Mu vy'ukuri tuzoba twavuze ijambo riri kure cane y'ukuri.

LAWLAA YA'TUUNA ALAYHIM BISUL-TWAANIN BAYYIN: Nibazane icemezo kigaragara cemeza ko bari mu kuri.

FAMAN ADHWLAM MIMMANI F-TARAAALA

LLAAHI KADHIBA: Nta n'umwe yanyomoje mu karenganyo kurusha uwurementanya ikinyoma ku Mana.

WA-IDH I'TAZAL-TUMUUHUM: Igihe mwabinuba mukitandukanya na bo mu gusenga ibigirwamana.

FA-AWUU ILA L-KAH-FI: Nimuhunge rero muje kwinyegeza mw'isenga ry'ibuye.

YAN-SHUR LAKUM RABBUKUM MIN RAH-MATIHI: Imana Yanyu Rurema Izoheza Ibahundagazeko impuhwe zayo, Ibakingire. Ntawuzoturukira aho muri.

WAYUHAYYI-I LAKUM MIN AMRIKUM MIR-FAQA: Yongere Ibakorere ibintu ngirakamaro mu kwemera kwanyu no mu buzima bwanyu bwo kw'isi. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yarabungabunze imibiri yabo

n'ukwemera kwabo. Kubakangura kwabaye icemezo c'uko kuzuka ari ukuri, hamwe rero no kuyagwa neza.

TAZAAWARU: Izuba mu guseruka mu gitondo ryarasira iburyo bwabo, mu kurenga naho ryarasira ibubamfu bwabo, kugira ntibashikirwe n'ubushuhe bwobangamira ibihimba vyabo.

FAJ-WATIN MIN-HU: Mu ntoboro yari hejuru y'isenga ry'ibiye, ahaca akayaga gatuma haguma hameze neza.

DHAALIKA MIN AAYAATI LLAAHI: Ivyo ni mu bimenyetso vy'Imana Allah, Yo Yabashikanye ku kwemera, maze Irabatsimbataza, Ibereka isenga ry'ibuye binyegezamwo bashikirwa n'umuco, imishwarara y'izuba n'akayaga bikwiye.

WATAH-SABUHUM AYQAADHWAN WAHUM RUQUUD: Ubabonye wokwibajije ko bakanura kandi basinziriye kuko amaso yabo yagumye akanuye.

WANUQALLIBUHUM DHAATA L-YAMIINI WADHAATA SSHIMAAL: Twashishikaye kubahindukiza iburyo n'ibubamfu kugira ngo imibiri yabo ntibore.

WAKAL-BUHUM BAASITWUN: N'imbwa yabakurikiye yarasinziriye nka bo irambije.

BIL-WASWIIDI: Ku bwinjiriro bw'isenga ry'ibuye.

LAWALLAYTA MIN-HUM FIRAARAN: Wari kunyaga ayo wameze wiruka bivuye ku gitinyiro Imana Yabahaye kugira ngo ntihagire n'umwe abegera.

RU'BA: Ubwoba bwinshi.

BA'ATH-NAAHUM: Twarabakanguye bavyuka badora.

LIYATASAA-ALUU BAYNAHUM: Kugira babazanye ikiringo bamaze baryamye, baca bavuga bati: “Imana Allah ni Yo Izi neza ikiringo mwamaze muryamye”.

BIWARIQIKUM HAADHIHI: Amahera yanyu y'amadirhamu akozwe mu mwakaka, ni ayo bari bahunganye ngo bayikoreko.

ILAL-MADIINAT: Agende mu gisagara canyu mwavuyemwo muhunga.

AZKAA TWA'AAMAN: Imfungurwa ziryoshe zisamuka neza.

WAL-YATALATTWAF: Agende yinyegeje.

WALAA YUSH'IRANNA BIKUM AHADAN: Ntatume hari uwumenya aho mwinyegeje.

INNAHUM IN YADHW-HARUU ALAYKUM: Mu vy'ukuri baramutse bamenye aho mwinyegeje.

YAR-JUMUUKUM: Bategerezwa kubaturubika gushika aho musubira mw'idini ryabo.

A'THAR-NAA ALAYHIM: Twatumye abantu bababona.

LIYA'LAMUU ANNA WA'DA LLAAHI HAQQUN: Kugira ngo abafise amakenga kw'izuka bamenye ata gukekeranya ko ari ukuri. Ico gihe abantu bari bafise amakenga menshi ku kuzuka no ku muhero w'isi ko ari ivy'ukuri.

WA-ANNA SSAA'ATA LAA RAYBA FIIHAA: Mu vy'ukuri, umuhero w'isi nta nkeka utegerezwa gushika ku gihe wategekanirijwe kugira ngo ibiremwa bihemberwe ivyo vyakoze.

IDH YATANAAZA'UUNA BAYNAHUM AMRAHUM: Igihe baharira ku vyerekeye umuhero w'isi, maze Imana Ituma kuvyura benisenga, kiba icemezo c'uko umuhero w'isi uriho.

FAQAALU BNUU ALAYHIM: Ni ho bavuga bati: "Bubakireko muzibire ubwinjiriro bw'isenga ry'ibuye. Imana Allah gusa ni Yo Izi ukuri ku vyabashikiye". Indongozi mu bandi na zo zivuga ziti: "Dutegerezwa kububakirako umusigiti".

SAYAQUULUUNA THALAATHATUN: Abantu baragize impari ku gitigiri ca benisenga, bamwe muri bo bati: “Bari batatu”. Abandi bati: “Batanu”. Abandi bati: “bari indwi”. Imana Allah Iraheza Irahinyuza abavuze igiharuro ca batatu n'ica batanu ko bavuga ivyo batazi kuko biri mu binyegezwa, nayo abavuze igiharuro c'uko bari indwi nta co Yabavuzeko, gutyo biboneka ko ari co c'ukuri.

QUL RABBII A'LAMU BI'IDDATIHIM MAA YA'LAMUHUM ILLAA QALIILUN: Vuga uti: “Imana Yanje Rurema ni Yo Izi neza igitigiri cabo, mu bantu nta wukizi kiretse bake cane”.

FALAA TUMAARI FIIHIM: Ntuzogire uwo uhaririza ku gitigiri n'amateka yabo.

ILLAA MIRAA-AN DHWAAHIRAN: Kiretse mu gihe izo mpari zoba zishingiye ku bumenyi zikagira ico zimariye abantu.

WALAA TAS-TAF-TI FIIHIM MIN-HUM AHADAN: Ku vyerekeye benisenga, ntihagire ico uzobaza umuntu n'umwe mu bahawe Igitabu kuko bakekeranya gusa.

AB-SWIR BIHII WA-ASMI'I: Ni nde nk'Imana, Yo Ibona neza Ikongera Ikumva cane ibiremwa! Ntiyonanirwa kumenya ivyerekeye benisenga.

MIN DUUNIHII MIN WALIYYI: Nta wundi atari Imana, Umuhagarikizi wabo Yababungabunze mw'isenga ry'ibuye.

WALAA YUSH-RIK FII HUK-MIHII AHADAN: Imana ni Yo Yonyene Ifata ingingo n'itegeko ku vyerekeye gutunganiriza ibiremwa Idafadikanije n'ikintu ico ari co cose.

### VI.1.3. Inyungu zirimwo

1) Ni ngombwa kurondera ubumenyi.
2) Ni vyiza mu gihe umuntu azazaniwe n'ikintu kubaza abamenyi no kutarenza canke ngo agabanye ku nyishu ahawe.
3) Birarekuwe gufungura ibiryoshe.
4) Biremewe guserukirwa mu kugura canke kugurisha.
5) Biremewe ku bantu gushira hamwe mu kugura canke kugurisha.
6) Ni vyiza kwigira kure y'ahantu ugeragezwa mw'idini.
7) Benisenga barangwa n'ukwemera gukwiye.
8) Uwuhunze ibigeragezo ku gukingira ukwemera kwiwe, Imana Allah Iramutabara, kandi uwuhungiye ku Mana Imwakiriza yompi.
9) Nta kinanira Imana Allah ku bushobozi n'ubutwari bwayo buhambaye.
10) Imisore irangwa n'ishaka ryo kwemera ukuri no gukurikira inzira y'ico yemeye kurusha abasaza.
11) Gusenga ibigirwamana ni ukutamenya vyongeye ni n'ukwirenganya.
12) Birarekuwe guhunga ibigeragezo kugira ngo utsimbatare kw'idini.

**VI.2. Insobanuro ya Ayah za 26-46 mu gisomwa c'Uwubabarira ivyaha (Ghaafir)**

Imana Allah Iravuga Iti:

وَقَالَ فِرۡعَوۡنُ ذَرُونِيٓ أَقۡتُلۡ مُوسَىٰ وَلۡيَدۡعُ رَبَّهُۥٓۖ إِنِّيٓ أَخَافُ أَن يُبَدِّلَ دِينَكُمۡ أَوۡ أَن
يُظۡهِرَ فِي ٱلۡأَرۡضِ ٱلۡفَسَادَ ٢٦ وَقَالَ مُوسَىٰٓ إِنِّي عُذۡتُ بِرَبِّي وَرَبِّكُم مِّن كُلِّ مُتَكَبِّرٖ
لَّا يُؤۡمِنُ بِيَوۡمِ ٱلۡحِسَابِ ٢٧ وَقَالَ رَجُلٞ مُّؤۡمِنٞ مِّنۡ ءَالِ فِرۡعَوۡنَ يَكۡتُمُ إِيمَٰنَهُۥٓ
أَتَقۡتُلُونَ رَجُلًا أَن يَقُولَ رَبِّيَ ٱللَّهُ وَقَدۡ جَآءَكُم بِٱلۡبَيِّنَٰتِ مِن رَّبِّكُمۡۖ وَإِن يَكُ
كَٰذِبٗا فَعَلَيۡهِ كَذِبُهُۥۖ وَإِن يَكُ صَادِقٗا يُصِبۡكُم بَعۡضُ ٱلَّذِي يَعِدُكُمۡۖ إِنَّ ٱللَّهَ لَا
يَهۡدِي مَنۡ هُوَ مُسۡرِفٞ كَذَّابٞ ٢٨ يَٰقَوۡمِ لَكُمُ ٱلۡمُلۡكُ ٱلۡيَوۡمَ ظَٰهِرِينَ فِي ٱلۡأَرۡضِ
فَمَن يَنصُرُنَا مِنۢ بَأۡسِ ٱللَّهِ إِن جَآءَنَاۚ قَالَ فِرۡعَوۡنُ مَآ أُرِيكُمۡ إِلَّا مَآ أَرَىٰ وَمَآ
أَهۡدِيكُمۡ إِلَّا سَبِيلَ ٱلرَّشَادِ ٢٩ وَقَالَ ٱلَّذِيٓ ءَامَنَ يَٰقَوۡمِ إِنِّيٓ أَخَافُ عَلَيۡكُم مِّثۡلَ
يَوۡمِ ٱلۡأَحۡزَابِ ٣٠ مِثۡلَ دَأۡبِ قَوۡمِ نُوحٖ وَعَادٖ وَثَمُودَ وَٱلَّذِينَ مِنۢ بَعۡدِهِمۡۚ وَمَا ٱللَّهُ
يُرِيدُ ظُلۡمٗا لِّلۡعِبَادِ ٣١ وَيَٰقَوۡمِ إِنِّيٓ أَخَافُ عَلَيۡكُمۡ يَوۡمَ ٱلتَّنَادِ ٣٢ يَوۡمَ تُوَلُّونَ
مُدۡبِرِينَ مَا لَكُم مِّنَ ٱللَّهِ مِنۡ عَاصِمٖۗ وَمَن يُضۡلِلِ ٱللَّهُ فَمَا لَهُۥ مِنۡ هَادٖ ٣٣ وَلَقَدۡ
جَآءَكُمۡ يُوسُفُ مِن قَبۡلُ بِٱلۡبَيِّنَٰتِ فَمَا زِلۡتُمۡ فِي شَكّٖ مِّمَّا جَآءَكُم بِهِۦۖ حَتَّىٰٓ إِذَا
هَلَكَ قُلۡتُمۡ لَن يَبۡعَثَ ٱللَّهُ مِنۢ بَعۡدِهِۦ رَسُولٗاۚ كَذَٰلِكَ يُضِلُّ ٱللَّهُ مَنۡ هُوَ مُسۡرِفٞ
مُّرۡتَابٌ ٣٤ ٱلَّذِينَ يُجَٰدِلُونَ فِيٓ ءَايَٰتِ ٱللَّهِ بِغَيۡرِ سُلۡطَٰنٍ أَتَىٰهُمۡۖ كَبُرَ مَقۡتًا عِندَ ٱللَّهِ
وَعِندَ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْۚ كَذَٰلِكَ يَطۡبَعُ ٱللَّهُ عَلَىٰ كُلِّ قَلۡبِ مُتَكَبِّرٖ جَبَّارٖ ٣٥

وَقَالَ فِرْعَوْنُ يَٰهَٰمَٰنُ ٱبْنِ لِى صَرْحًا لَّعَلِّىٓ أَبْلُغُ ٱلْأَسْبَٰبَ ﴿٣٦﴾ أَسْبَٰبَ ٱلسَّمَٰوَٰتِ
فَأَطَّلِعَ إِلَىٰٓ إِلَٰهِ مُوسَىٰ وَإِنِّى لَأَظُنُّهُۥ كَٰذِبًا ۚ وَكَذَٰلِكَ زُيِّنَ لِفِرْعَوْنَ سُوٓءُ عَمَلِهِۦ
وَصُدَّ عَنِ ٱلسَّبِيلِ ۚ وَمَا كَيْدُ فِرْعَوْنَ إِلَّا فِى تَبَابٍ ﴿٣٧﴾ وَقَالَ ٱلَّذِىٓ ءَامَنَ يَٰقَوْمِ
ٱتَّبِعُونِ أَهْدِكُمْ سَبِيلَ ٱلرَّشَادِ ﴿٣٨﴾ يَٰقَوْمِ إِنَّمَا هَٰذِهِ ٱلْحَيَوٰةُ ٱلدُّنْيَا مَتَٰعٌ وَإِنَّ ٱلْءَاخِرَةَ
هِىَ دَارُ ٱلْقَرَارِ ﴿٣٩﴾ مَنْ عَمِلَ سَيِّئَةً فَلَا يُجْزَىٰٓ إِلَّا مِثْلَهَا ۖ وَمَنْ عَمِلَ صَٰلِحًا مِّن
ذَكَرٍ أَوْ أُنثَىٰ وَهُوَ مُؤْمِنٌ فَأُو۟لَٰٓئِكَ يَدْخُلُونَ ٱلْجَنَّةَ يُرْزَقُونَ فِيهَا بِغَيْرِ حِسَابٍ ﴿٤٠﴾
۞ وَيَٰقَوْمِ مَا لِىٓ أَدْعُوكُمْ إِلَى ٱلنَّجَوٰةِ وَتَدْعُونَنِىٓ إِلَى ٱلنَّارِ ﴿٤١﴾ تَدْعُونَنِى لِأَكْفُرَ
بِٱللَّهِ وَأُشْرِكَ بِهِۦ مَا لَيْسَ لِى بِهِۦ عِلْمٌ وَأَنَا۠ أَدْعُوكُمْ إِلَى ٱلْعَزِيزِ ٱلْغَفَّٰرِ ﴿٤٢﴾ لَا جَرَمَ
أَنَّمَا تَدْعُونَنِىٓ إِلَيْهِ لَيْسَ لَهُۥ دَعْوَةٌ فِى ٱلدُّنْيَا وَلَا فِى ٱلْءَاخِرَةِ وَأَنَّ مَرَدَّنَآ إِلَى ٱللَّهِ وَأَنَّ
ٱلْمُسْرِفِينَ هُمْ أَصْحَٰبُ ٱلنَّارِ ﴿٤٣﴾ فَسَتَذْكُرُونَ مَآ أَقُولُ لَكُمْ ۚ وَأُفَوِّضُ أَمْرِىٓ إِلَى
ٱللَّهِ ۚ إِنَّ ٱللَّهَ بَصِيرٌۢ بِٱلْعِبَادِ ﴿٤٤﴾ فَوَقَىٰهُ ٱللَّهُ سَيِّـَٔاتِ مَا مَكَرُوا۟ ۖ وَحَاقَ بِـَٔالِ فِرْعَوْنَ
سُوٓءُ ٱلْعَذَابِ ﴿٤٥﴾ ٱلنَّارُ يُعْرَضُونَ عَلَيْهَا غُدُوًّا وَعَشِيًّا ۖ وَيَوْمَ تَقُومُ ٱلسَّاعَةُ أَدْخِلُوٓا۟
ءَالَ فِرْعَوْنَ أَشَدَّ ٱلْعَذَابِ ﴿٤٦﴾

### VI.2.1. Ibirimwo

Izi Ayah zerekana ivyashikiye umuntu yemera Imana, ukuntu yarwanyeko Intumwa y'Imana Musa, akongera akararikira abandi kumwemera.

### VI.2.2. Insorongoro y'amajambo

MIN AALI FIR'AWNA: Yava mu bwoko bwa Firawuni bw'Abakibti (Abanyagiputa).

YAK-TUMU IIMAANAHU: Yanyegeza ukwemera kwiwe ku gutinya Firawuni n'ingabo ziwe.

AN YAQUULA RABBIYA LLAAHU: Ata caha kimwagira kiretse gusa kuba avuga ati: “Imana Yanje Rurema ni Allah”.

FAMAA ZIL-TUM FII SHAKKIN: Ntimwaretse kugumana amakenga, gutyo bituma mutamwemera.

HATTAA IDHAA HALAKA: Gushika aho yitaba Iyamuremye, nya makenga musanganwe na yo atera yiyongera.

QULTUM LAN YAB'ATHA LLAAHU MIN BA'ADIHI RASUULAN: Muca muvuga mukekeranya muti: “Imana Allah ntizorungika iyindi Ntumwa”.

MUS-RIFUN MUR-TAABUN: Yaranyomoje mu kugira amakenga ko Imana Ari Imwe Rudende (umunyamakenga ruhebwa).

YUJAADILUUNA FII AAYAATI LLAAHI: Baharira bakomanya imitwe, mu gutandukanya ukuri n'ikinyoma mu majambo y'Imana Allah.

BIGHAYRI SUL-TWAANIN: Ata cemezo kigaragara kivuye ku Mana Allah.

KABURA MAQ-TAN: Ivyo birashavuza cane rwose Imana Allah n'abemeramana.

KADHAALIKA YATW-BA'U LLAAHU: Kubera ivyo rero, Imana Allah Yarateye ikidodo mu mitima ntibazokwigera babona ukuri.

MUTAKABBIRIN JABBAARIN: Uwuhonyanga n'ibigirankana ukuri ntiyemere Imana Allah, agenza amanyama.

SWAR-HAN: Inyubakwa ndende cane.

LA'ALLII AB-LUGHU L-ASBAABA: Hari n’aho noshikira imiryango y'ijuru.

ZUYYINA LIFIR'AWNA SUU-U AMALIHI: Shetani yaryohereje Firawuni mu kwemanga ko ibibi akora ari vyiza.

WASWUDDAANI SSABIILI: Ituma adakurikira inzira y'ukuri.

WAMAA KAYDU FIR'AWNA: Amayeri Firawuni yakoresha mu guhenda abantu ngo babone ko ari mu kuri, Musa na we akaba ari mu muzimiza.

TABAABIN: Agahombo kanini no guhona kw'isi no mw'ijuru agataha zirayoye.

SABIILA RRASHAADI: Inzira y'ukuri ishika ku Mana.

MATAA'UN: Kuryoherwa akanya gato cane (umunezero w'umwanya urume rumara).

DAARU L-QARAARI: Aho muzoba ibihe bidashira mu Bwami bw'ijuru.

MAN AMILA SAYYI-ATAN: Uwuzokora ibikorwa bibi; nk'ibangikanyamana, ububisha, kugabitanya canke gukora icaha, uyo azohanwa ku co yakoze atarenganijwe.

BIL-BAYYINAATI: N'ivyemezo bigaragara vyemeza ko avuga ukuri.

IN YAKU KAADHIBAN: Niyaba abesha mu vyo avuga ni we nyene azobihanirwa si mwebwe.

WA-IN YAKU SWAADIQAN: Niyaba naho avuga ukuri ko ari Intumwa vy'ukuri, ntimutegerezwa kumwica.

YUSWIB-KUM BA'DWA LLADHII YA'IDUKUM: Nta nkeka ko ibihano abagabisha aha kw'isi bizobashikira. Uyo muntu yemera Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ukwo ni ko yamuvugiye kugira ngo yerekane ko ari kumwe n'abamuhakana.

MUS-RIFUN KADDHAABUN: Yarengeje urugero mu kurwanya ukuri arwanira ashigikira ikinyoma (umunyakinyoma ruhebwa).

LAKUMU L-MUL-KU L-YAWMA DHWAAHIRIINA: Mufise ubutegetsi bwo kw'isi, mukabwitwaza mu kuganza mugahohotera mwongera muturubika abo murongoye.

FAMAN YAN-SWURUNAA MIN BA-SI LLAAHI: Mbega ni nde azodutabara ngo adukize ibihano vy'Imana.

MAA URIIKUM ILLAA MAA ARAA: Sindabereka gukurikira kiretse ivyo mbona ko ari vyo vy'ukuri biganisha mu nzira igororotse.

MITHLA YAWMI L-AH-ZAABI: Nk'ivyashitse umusi w'imigwi yishize hamwe aho hambere ngo irwanye intumwa z'Imana Allah.

MITHLA DA-BI QAWMI NUUHIN: Nk'uko abarungikiwe Intumwa Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) bagize ubuhakanyi akamenyero.

WAMA LLAAHU YURIIDU DHWUL-MAN LIL'IBAADI: Imana ntiyahanye ab'aho hambere ku karenganyo, ahubwo Yabahaniye ivyaha no kurendegera guhakana Intumwa zayo.

YAWMA TTANAADI: Umusi w'umuhero w'isi. Wiswe ukwo, kuko abantu bazohamagarana, abari mu muriro bazohamagara abari mu Bwami bw'ijuru nk'uko na bo bazobahamagara.

YAWMA TUWALLUUNA MUD-BIRIINA: Uwo musi muzogenza umugongo muhunga umuriro udahera ukuntu usuma.

MAA LAKUM MINA LLAAHI MIN AASWIMIN: Nta kizobuza ko Imana Allah Ibahana.

WALAQAD JAA-AKUM YUUSUFU MIN QAB-LU: Mu vy'ukuri, Intumwa Yusufu (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yarazaniye abakurambere banyu imbere y'umuzo wa Musa ivyemezo bigaragara nk'ivyo Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabazaniye.

YURZAQUUNA FIIHAA BIGHAYRI HISAABIN: Mu Bwami bw'ijuru bazohabwa inzimano n'indishi nyinshi zitagira urugero.

AD'UUKUM ILA NNAJAATI: Ndabahamagarira agakiza muzoronka mu gusenga Imana Imwe Rudende Itabangikanywa n'ikintu ico ari co cose hamwe no mu kwemera Intumwa yayo, gutyo mubone gukira ibihano vyayo, na mwe mukampamagarira guhakana no kubangikanya Imana Allah!

MAA LAYSA LII BIHII IL-MUN: Ku vyo ntafitiye ubumenyi n'icemezo.

AL'AZIIZI L-GHAFFAARI: Nyenintsinzi Ataneshwa, Nyenimbabazinyinshi Ababarira cane uwumwituye akigaya.

LAA JARAMA: Nta nkeka.

ANNAMAA TAD'UUNANII ILAYHI: Ko mu vy'ukuri ivyo mumpamagariramwo bidakwiye kurarikirwa gusengwa haba kw'isi canke mw'ijuru, kuko ata na kimwe bishoboye.

WA-ANNA MARADDANAA ILA LLAAHI: Kandi mu vy'ukuri amaherezo yacu twese ni ku Mana Allah.

WA-ANNA L-MUS-RIFIINA: Abanyomoje mu guhakana no kubangikanya Imana.

HUM ASW-HAABU NNAARI: Ni abantu bo mu muriro bazowubamwo ibihe bidashira.

FASATADH-KURUUNA MAA AQUULU LAKUM: Muzokwibuka ivyo ndababwira nimwibonerako. Iryo jambo yaribabwiye inyuma y'aho abahanuriye, akabagabisha kenshi ntibumve.

WA-UFAWWIDWU AMRII ILA LLAAHI: Ubuzima bwanje ndabushize mu minwe y'Imana Allah, Inkingire inabi iturutse ku biremwa.

INNA LLAAHA BASWIIRUN BIL'IBAADI: Mu vy'ukuri Imana Allah ni Yo Izi neza ibikorwa bikorwa n'ibiremwa.

FAWAQAAHU LLAAHU SAYYI-AATI MAA

MAKARUU: Imana Allah Yarakingiye Intumwa yayo Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) ingaruka y'ibibi vya Firawuni yakorera abamukurikira, kandi Izomuhera Ubwami bw'ijuru.

WAHAAQA BI-AALI FIR'AWNA SUU-U L-ADHAABI: Firawuni n'ingabo ziwe barashikiwe n'igihano kibi cane co gusoma nturi no kubaburwa ku muriro mu mva zabo igitondo n'umugoroba. Nk'uko Imana Ivuga Iti: “Ni umuriro bazobaburwako mu mva igitondo n'umugoroba gushika ku musi w'umuhero”.

WAYAWMA TAQUUMU SSAA'ATU AD-KHILUU AALA FIR'AWNA ASHADDA L'ADHAABI: Ku musi w'umuhero w'isi, abamalayika bacungera umuriro bazobwirwa bati: “Nimushire ingabo za Firawuni mu bihano bikomakomeye”.

### VI.2.3. Insobanuro muri rusangi

Izi Ayah zirerekana neza ko mu bakurikiye Intumwa y'Imana Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah), harimwo umugabo yanyegeza ukwemera kwiwe, gutyo agahanura abandi ko bokurikira Musa, akabereka ivyemezo bigaragara vyerekana ko Musa ari mu kuri, kandi ko uwutamwumvira ashobora kuzokwibonerako vuba. Birakenewe ko umuntu ashima inema z'Imana akazikoresha mu kuyumvira, kugira ngo abeho mw'iteka n'itekane. Aramutse naho azikoresheje mu kugarariza, Imana Ishobora kumuhana mu gihe ata mutabazi azomukingira ibihano vyayo.

Ehe raba mu vyashikiye ab’aho hambere! Imana igihe cose Yaratabara abayumvira Igahana abayihakanye bakiri kw'isi. Ku musi w'umuhero naho, Izobahembera ico bakoze ata we Irenganije na gato.

Muririnda impari mu majambo y'Imana Allah mu gihe mutabifitiye ubumenyi n'ivyemezo bigaragara, kuko ivyo birashavuza cane Imana bigashavuza kandi abemeramana. Uwugira impari nk'izo, aba yarayovye cane.

Uwubahutse na we kugira amanyama agahakana Intumwa z'Imana, akarendegera uko yibaza ko ari vyo vyiza, Imana Iraheza Ikamuhana.

Nayo umwemeramana yumvira Imana akumvira n'Intumwa zayo, azogira amaherezo meza. Nimwiyubare kwishimira ubuzima bwo kw'isi kuko burafise iherezo, mu gihe ubuzima bw'inyuma yo gupfa ari ubuzima budashira.

Uwakoze iciza, azogihemberwa iciza kigwijwe incuro nyinshi n'ibirenga; nayo uwakoze ikibi kimwe, azogihemberwa ikibi kimwe nyene.

Muzobona ukuri ku vyo ndababwira umuhero w'isi niwashika. Ico gihe muzomenya uwahamagarira abantu mu nzira y'ukuri n'uwabahamagarira mu nzira y'ubuhakanyi. Mu vy'ukuri, uwizeye Imana Allah akayishimikiza, Iramukingira Ikamutabara, Ikanamubungabunga.

### VI.2.4. Inyungu zirimwo

1) Biremewe kwisunga ineza yawe mu kugaragaza canke guhisha ukwemera mu gihe uri kumwe n'abahakanyi.
2) Kwibutsa abantu inema bahawe n'Imana birafasha kworosha imitima yabo.
3) Birakenewe ko uwurarikira abandi gukurikira ukuri, abereka ko abafitiye impuhwe.

4) Amaherezo y'umuntu wese aba meza canke mabi hakurikijwe inyifato yiwe y'ugukurikira ukuri canke guhakana.
5) Gukoresha imigani mu kurarikira abantu ukuri, birafasha gutahura ningoga.
6) Guharira ata bumenyi mu vyerekeye ukwemera ni icaha gikomeye.
7) Birakenewe gukundisha abantu Ubwami bw'ijuru biciye mu kubibutsa inema n'ivyiza bidashira birimwo.
8) Kudahendwa n'ubuzima bwo kw'isi kuko butazokwamaho.
9) Impuhwe z'Imana ku biremwa ni ikirenga! Icaha kimwe Igihembera ikibi kimwe, mu gihe iciza kimwe Igihembera indishi igwijwe guhera kw'icumi n'ibirenga.
10) Uwurarikira abandi kwemera ico asabwa ni ugushikana gusa.
11) Ni ngombwa kwizera Imana no kwishira mu minwe yayo.
12) Uwizeye Imana Iramukingira.
13) Guhanwa mu mva ni ukuri.
14) Imana ni Nyenubutungane, ubutungane buzira akarenganyo.
15) Ku musi w'umuhero nta co umuntu azomarira uwundi.

## GUSOZERA

Nihashimagizwe Imana Allah, Rurema w'ibiremwa vyose. Amahoro n'impuhwe bisasagare ku Ntumwa yacu Muhamadi no ku muryango wayo, ingendanyi zayo zose n'abiyemeje gukurikira inzira yabo gushika ku musi w'impera.

Inyuma y'ivyo; igikorwa co gusigura mu rurimi rw'ikirundi igitabu c'insobanuro ya Qor'ani ku mugwi w'abisununuye mu bumenyi bw'idini kiratunganye, gutyo tukaba dushimira twongera dushimagiza Imana Allah Yakidushoboje.

Ni na co gituma, twashaka gushimira kandi abitanze bose batiziganya kugira ngo iki gikorwa gishike kuri iyi ntambwe ishimishije, canecane abagize umugwi ushinzwe gusigura mu kirundi ibitabu vy'inyigisho z'idini ry'ubwislamu, ku kigoro nta ngere bagize gushika n'aho iki gitabu gitungana neza nk'uku mukibona.

Twashaka kandi gushimira ishirahamwe “Fondation BENAA” ku ntererano idasanzwe ryatanze, mu gufata mu mugongo no gutera intege uwo mugwi. Imana Allah Yonyene ni Yo Izobirihembera.

Turasavye Imana Nyenubweranda Idufashe kuba twashoboye gutunganya iki gikorwa bikwiye, Ikiduhembere mu kuduha icubahiro kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Yongere Itubabarire ivyaha vyacu, Idushoboze kuzirikana indishi kuri Yo, mu vyo tuvuga n'ivyo dukora kandi vyungure n’abandi. Mu vy'ukuri, ni Nyenukwumvira umusavyi.

Mana yacu Allah, Sasagaza amahoro n'impuhwe zawe ku Ntumwa yacu Muhamadi, umuryango wayo n'ingendanyi zayo zose.

**Sheikh GIHETE Yusufu**

مؤسسة بناء للتنمية والتعليم
BENAA FOUNDATION FOR DEVELOPMENT AND EDUCATION

سلسلة مناهج دورات العلوم الشرعية
فئة المسلمين الجدد

# التفسير

تأليف

د. إبراهيم بن سليمان الهويمل

ترجمه إلى اللغة الكيروندية الشيخ غيهيتي يوسف
راجعه - الشيخ نهايو يعقوب جاك
- المهندس نداباشينزي ألماس

بوجومبورا، ربيع الأول ١٤٣٩